# *Ubumana Busiguwe*

Urakoze, Mwene Data Carlson. Kandi ndabaramukije mwese bene Data na bashikibacu mukorera Umwami. Ni . . . Rimwe na rimwe numva ndidanirwa gatoyi guhaguruka, iyo ndiko numviriza ibishingantahe vyiza nk'ivyo, n'ibindi, nk'ivyo namye numviriza kino gitondo. Hanyuma rero, umwenegihugu mugenzacu ari mu mibabaro no mu guhamwa, nk'ivyo uwo mwene Data na mushikiwacu b'Ababatista baciyemwo; nk'uwahoze ari U—Umubatista, ubwanje, Umubatista w'Umumisiyonari, nkaba—nkaba nzi ico bisigura iyo abantu bawe . . .

2 Nanje nk'ivyo vyaranshikiye. Abantu banje baranyirukanye, biyumvira ko bonyirukana kuko ngo nari nasaze. Kandi nasanze, nk'uko namye nkunda kubivuga mu buryo butadudurirako nti, "Nimba ndi umusazi, ni mundeke gusa, kuko ndanezerewe cane uku meze kuruta uko nari mfise ubwenge butonze." Kubw'ivyo rero iyo ni yo ntahuro yanje ntoya y'ibintu mfise, y'iwanje bwite. Kandi—kandi ata nkeka namye nezerererwa iki—iki gihe co kumera gutyo.

3 N'uyu mwene Data mutoya hano wo mw'Ishengero rya Kristo, nk'uko twama turyita, canke iry'aba Kambelite. Ndibuka ko barwanya bivuye inyuma ibikorane igihe twatangura. Ariko, murazi, turafise uwitwa Pawulo igihe kimwe yari ameze nk'uko nyene, hanyuma acika umwe muri twebwe. Rero, ivyo n'ukuri. Niyumvira yuko ico kenshi barondera kubona ari ubuzima mubayeho. Murazi, iciza ni ukumberaho ubutumwa kuruta kubumbwira, igihe cose. Ndi . . .

4 Haraciye igihe, umukozi w'Imana umwe akomeye, umuntu mwiza wo mu Butumwa Bwiza Bwuzuye, mwese—mwese muramuzi, ndibaza, ni Revera Booth-Clibborn, avuga Ubutumwa Bwiza mu ndimi indwi zitandukanye. Araciye ubwenge vy'ukuri. Kandi na . . . Ni igihangange mu vy'ubwenge. Twari dufatanye urugendo igihe kimwe, we na Mwene Data Moore hamwe na jewe, kandi twariko turaganira ku kintu kanaka. Nari mfise iciyumviro gihushanye n'iciwe, aca arahindukira arandaba. Aca avuga ati: "Bibiliya yawe ntayo uzi." Murazi ukuntu Mwene Data Booth ashobora kubivuga.

5 Nca mvuga nti: "Uko ni ukuri, Mwene Data Booth, ariko ndazi Umwanditsi Wayo neza cane." Rero, rero nsha—nshaka . . . Murazi, si ukumenya Ijambo ryiWe ari Ubugingo, ariko, "kuMumenya We nibwo Bugingo." Ivyo ni vyo. Murabona? Nomenya Ijambo ryiWe canke ntoriRimenya; hamwe noMumenya gusa! Kandi uko ni Ukuri ata nkeka.

6 Cari, iki gitondo, nariko ndaramukanya n'aba bakozi b'Imana beza bo muri iri shirahamwe. Kandi hariya hari hicaye uyu . . . Singomba gushira umuntu n'umwe hejuru. Ariko uyu mugabo w'umwirabure yinjiye, mwene Data, aca yicara hariya. Nca mbwira umunyamabanga wanje hano nti: "Ng'urya Umukristo nyakuri."

7 Anyibutsa cane Umutama Smith yahora ari uwo mw'Ishengero ry'Imana muri Kristo, ndibaza. Nahora ndababwira ubutumwa kenshi cane hariya, none—none ndacashoboye kumubona kandi. Yagomba gusa n'uwu mwene Data hano, gusa we yari afise nk'ubwanwa bw'imvi. Narashobora kwinjirira mu muryango w'inyuma, kandi sinigera nibagira imvugo uwo mutama yahora akoresha; uravye hejuru, abera bose bariko bararirimba, murazi, kandi hariho agakobwa gatoyi, kari kicaye mu mfuruka. Indirimbo nakunda cane yari *muMushire Hejuru*. Bose barakoma amashi, mu buryo bwa Gipentekoti, murazi, *muMushire Hejuru*. Barankunda, nanje nkabakunda. Kandi iyo twinjiye (Yahora yicara ngaho, umutwe yawugize nk'*uku*, ku meza, akabaraba gusa, murazi.), akavuga ati: "Injira, mukurambere. Ruhurira inkofero yawe." Atari: "Ruhuka wewe." "Ruhurira inkofero yawe."

8 Uwu mwene Data hano; kandi naramenye, rero, ko umwe mu baririmvyi b'indirimbo z'Ubutumwa Bwiza nkunda cane ari umugore wiwe. Kandi narakoze ivyo nshoboye vyose, kugira ngo aririmbe. Nuko rero, aca asaba ko batamuhamagara, kandi ivyo ndazi ico bisigura. Ariko jewe ubwanje nzomutumira, nimba yobikunda, aze ng'aha aririmbe.

9 Mbega none, si wewe wa mushiki wacu yaririmba—yaririmba ngo: *Indamukanyo y'Ubwato,* igitondo kimwe mu gikorane c'Abagwizatunga b'Abakristo? [Mushiki wacu avuze ati: "Ego, mushingantahe. Ego."—Umw.] Nibaza ko umugore wanje azoza muri iyi ndwi, kandi ndashaka ko akumviriza, kuko naragushimagije cane. Kandi nivyabacika kuri bande, tuzobitunganya. Ndakunda cane izo ndirimbo nziza.

10 Narakunda kubwira abantu, Si—sinigeze nshobora kuririmba. Oo, bagenzi, nari ku muliyoni w'ibilometero vyavyo. Ariko navuga nti: "Niwashika hariya mw'Ijuru ukaba mu kirimba cawe kinini, murazi, hariya mw'Ijuru," navuga nti: "epfo mu ntango y'umusozi, hariya inyuma mw'ishamba, hariho akazu gatoya kari hariya. Ako kazoba ari akanje. Kandi igitondo kimwe ni wasohoka ugiye ku kabaraza ukumva umuntu ari hariya, ariko aririmba: 'Ubuntu butangaje! ese ukuntu ijwi ryari ryiza, ryakijije umugogwa nkanje!' Uzovuge uti: 'Imana Ishimwe! Umutama Mwene Data Branham amaherezo yahashitse.'" Azoba ari jewe hariya ndiko numviriza, ngerageza kuririmba.

11 Ku Bakristo bene Data, no kuri . . . Nibaza ko hari mwene

Data yamutubwiye, kino gitondo, nk'umusuku w'Umubuda, ari ngaha. Ndakuramukije, mugenzi wanje w'agaciro. Kandi naragiranye ibiyago vyinshi, atari vyinshi cane, n'Ababuda; na cane cane muri Canada, mu Bashinwa, kandi nasanze ari abantu bakundana cane kandi beza.

12 Ndibuka umugabo mutoyi umwe w'Umubuda wo mu rusengero rwa Buda, yaje mu gikorane c'i Winnipeg, yari impumyi. Ni abantu bagufiya cane, beza, kandi nta gukeka ko bizera ko Imana ari Yo Ikiza. Mu gihe nariko ndamusengera, na we yaguma asubiramwo, ingene yakunda Imana, maze ako kanya amaso yiwe aca aruguruka, mu . . . Kandi cari i—ikintu ciza cane. Rero, tu—turashima abagabo bose n'abantu bose.

13 Rero, ntabwo nari nararonse aka karyo imbere, i Chicago, ko kugerageza kuvuga . . . Rero, sinogerageza kuzana ubutumwa kanaka na bumwe, kuko hano hari abakozi b'Imana bashoboye cane kundusha, kuzana ubutumwa. Ariko, kandi uko biri kose, ntimuri ng'aha ngo mwumvirize ubutumwa. Ariko niyumviriye ko coba ari igihe ciza cane co guhura n'abakozi b'Imana b'i Chicago, aka karere k'aha, no kurushiriza kubamenya, natwe turushirize kumenyana. Kandi ata nkeka ndashimira Umwami kubera aka karyo. Kuko, naraje incuro nyinshi muri iki gisagara hano, hamwe nshigikiwe n'ishengero rimwe, ahandi nshigikiwe n'Abagwizatunga b'Abakristo; kubw'ivyo, ata karyo ko kugira ico mvuze imbere y'ishirahamwe rya bene Data.

14 Nuko—nuko rero nariyumviriye, kandi hari vyinshi cane vyama bikurikira igikorwa c'ibango nk'iki, vy'ibihuhusi, ukuduga no kumanuka, gushika aho rimwe na rimwe vyoroha ko umuntu agira iciyumviro kitari co. None nashaka gufata iyi minota mikeyi ikurikira ngo ngerageze gusigura nda—ndabitomorerere neza bene Data, ndabitomore uko nshoboye.

15 Kandi si—si sinikwiye vyongeye sinshoboye ku—kuvuga ijambo kumbure ryosa n'iribereye ku bantu bize. Nta mashure mfise, kandi ico ndakibuze. Ariko nari . . . ndakunda Umwami. Umwami na We Yampaye, kumbure, ubundi buryo bwo kuroba imishaha, kubw'ingabire y'Imana, kugira ngo yuzuze igihengeri c'ico abavyeyi batashoboye kumpa, kwiga. Navuye mu nzu y'umuryango ukenye, w'abana icumi, na data arwaye, kandi sinaronse amahirwe yo kwiga. Kubw'ivyo rero, ariko, mu kuvuka, hariho ikintu cabaye . . . ukugendererwa n'Imana, kuri mama na papa. Kandi mwarasomye inkuru yanje. Rero, biciye kur'ico, niho ngerageza gushiramwo uruhara rwanje, hamwe namwe bene Data, kugira ngo nkwegere abanyavyaha kuri Kristo. None ubu jewe . . .

16 Sindi uwizera ibintazi. Ariko iminsi yose, imbere yo kwugurura Ijambo, ndakunda kuvugana n'Umwanditsi Waryo gatoyi. None reka dusubire twunamike imitwe yacu umwanya mutoyi.

17 Data wa twese w'igiciro, ni Wewe Mana Yacu, kandi turiko tuKwegera kubw'Ubutumwa Bwiza. Ndi ng'aha imbere y'abana baWe, abapasitori baWe, na bene Data bafise ukwizera kw'igiciro nk'uko. Ese ukuntu binezereza umutima wanje kwumva aba bagabo batahuwe nabi, maze bakarungikwa mu bitaro vy'abarwaye mu mutwe, kubw'Ubwami bw'Imana; kubona ukuntu Uriko Urahamagara abana baWe mu minsi ya nyuma.

18 Natwe turizeye vy'ukuri, Data, ko tubayeho kw'iherezo ry'amasiganwa. Nk'uko umuvugishwa yabivuze: "Mu gihe c'akagoroba hazoba Umuco." Twizera uno munsi ko turi abatwara uwo Muco Uhambaye w'Ubutumwa Bwiza, kubw'ubuntu bwaWe, Watwemereye, kubushikana ku mpera z'isi, aho uyu muvyuro washitse.

19 Kandi ndasenga, Data, ko, bivuye mu mutima wanje, Ureke mbarire bene Data, muri iki gitondo, imvo n'intumbero y'ubuzima bwanje kuri Wewe, kugira ngo batahure. Biduhe, kugira ngo dushobore kugira urukundo rutunganye, n'isangira, n'ugufashanya, mu bikorwa vyose vy'Ubutumwa Bwiza. Kuko tubisavye mw'Izina rya Yesu, Yasenze ngo tube umwe, nk'uko We na Se Bari Umwe. Twizeye ibi, yuko: "Nimwagiriranira urukundo, ni ho bose bazomenya ko muri abigishwa baNje." Amen.

20 Rero. . .Nizera kandi nizigira ko mwebwe bene Data na bashikibacu ntabarambiye, kuri ivyo. Ariko nibaza, nashaka gutomora neza, kugira ngo ntibisabe ko mwumviriza ivyo uwundi muntu avuga. Kandi narasiguye, incuro nyinshi, mu bindi bikorane vy'abakozi b'Imana, ariko ubu ni bwo bwa mbere ndabisiguriye umugwi w'i Chicago, none nashaka kumenyekanisha neza, ivyo ngerageza gukora.

21 Mu Butumwa bwa kera Bwiza Buhezagiye hano, mu gice ca 26 c'Igitabu c'Ivyakozwe n'Intumwa, turasoma:

> *Nuko, mwami Agiripa, sinanka kwumvira ivyo neretswe vyavuye mw'ijuru:*

22 Uyu, ata nkeka, ni Pawulo ariko aravuga. Kandi, twese nk'abakozi b'Imana, turakunda kumwisunga, kuko we. . . Twebwe, turahuriza hamwe, kwizera ko yari intumwa kw'ishengero ry'Abanyamahanga, ko Imana Yamuhamagaye ngo abe i—icabona ku Banyamahanga. Igikorwa c'ibango ryiwe cari cateye amakenga.

23 Kenshi, ikintu cose kitamenyerewe gitanguye, kiratera amakenga. Niko biri, kandi niyumvira ko ari ibisanzwe cane; bitegerezwa gutera amakenga. Kandi niyumvira ko abapasitori rimwe na rimwe bagira amakenga ku—ku bintu bumva, niyumvira ko bafise uburenganzira bwo kugira amakenga. Kuko, namba ntahura insobanuro y'ijambo *umupasitori*, bisigura "umwungere." Kandi, kubw'ivyo, ni u—u—umugabuzi,

canke umwungere, w'umugwi w'abagabo n'abagore abo Mpwemu Yera Yamuhaye kubera umugenzuzi mukuru. Arafise uburenganzira bwo kumenya ubwoko bw'imfungurwa intama ziwe zironka, n'aho ziva. Nibaza ko afise uburenganzira kuri ivyo.

24 Kandi iyo umupasitori, canke rimwe na rimwe abantu, bosa n'abagize amakenga gatoyi, ivyo ntibikwiye, na rimwe, kubabaza umuntu n'umwe. Vyozanye gusa ukwubaha mu mutima w'umuntu, kubw'umuntu afise urwo ruhagararo, uwo vyotera amakenga. N'ubundi, nimba utazi neza ko uri ku murongo mwiza, woshobora gute kugendera mu kwizera?

25 Niwishiramwo . . . Rero, ivyo bisa n'uko ari pisikoroji; kandi kumbure ni vyo, kandi ni ko biri, ariko ntaco bitwaye. Ariko wewe vy'ukuri, bivuye mu mutima wawe, wiyumviye ko utokwigera ushobora guhaguruka ngo uve ku meza, kumbure ko utokwigera uhaguruka. Murabona? Ufise . . . Ni ibintu vyoroshe gusa nk'uko.

26 Utegerezwa kwizera. Utegerezwa kugira ukwizera. Utegerezwa kugira ukwizigira. None woshobora gute wogira ico wizigira u—utanazi n'aho uriko uraja? Ni gute noca mu nzira ntari bwigere njamwo, ngenda nk'umusazi, hari amakorosi ahantu hose, ntazi ico ikorosi rikurikira ribitse? Utegerezwa kubona iyo uriko uraja, atari uko ntumenya uko ugenda. Kandi uko ni ko umuntu wese yotegerejwe kumera. Aho rero iyo ushoboye, ubibonye, ukabihishurirwa, ukaba uzi iyo uriko uraja, aho rero nta na kimwe kizoguhagarika.

27 Kandi ivyo, ndibaza, Pawulo, ni vyo yariko agerageza gutahuza Agiripa hano. Ko, ya—yababwiye ati: "Kera nari umwe muri mwebwe."

28 Kandi ndibaza, kumbure, iyoba—iyoba uyu mwene Data w'Umubatista, yoshobora kuja kw'ishengero ry'Ababatista kino gitondo, we n'umugore wiwe, ivyo kumbure coba ari co gishingantahe cabo. "Na—nahoze ndi umwe muri mwebwe."

29 Canke, Ishengero rya Kristo, canke wa—wa mwene Data w'umu Kambelite hano, hamwe yoja ku—ku bantu biwe. Nibaza ko bitwa izina ryiza cane; Abigishwa ba Kristo, ni ko babita, ariko mu vy'ukuri ni ab'inyigisho ya Alexander Campbell. Hanyuma rero Ishengero rya Kristo ryabavuyemwo, kubera umuziki. Ni ko biri, si ko? Rero iyoba yashobora gusubira aho bari, yovuga ati: "Kera nari uwo muri mwebwe."

30 Nuko Pawulo asubira hano ku Mwami Agiripa, na Fesito, arababwira ati: "Kera nari uwo muri mwebwe. Nari Umufarisayo mu Bafarisayo." Yabaye umwigishwa wa Gamaliyeli, wa mwigisha ahambaye, kandi yari azi amategeko n'ingingo zabo zose, n'ivyo bizera n'ivyo batizera. Araheza avuga ati: "Na jewe nyene narahama Ishengero ry'Imana

gushika gupfa." Murabona? Yavuze ati: "Ico kintu nyene ndiko ndabazwa, naragihama."

31 Igihe cose namye niyumvira ko urupfu rwa Sitefano rutegerezwa kuba rwarakoze kuri Pawulo, kubera igihe yabona bwa bwiza bwaboneka mu maso ha Sitefano. Igihe yaraba hejuru, mu gihe amabuye yariko aramuhondagura gushika apfuye, yavuze ati: "Ndabona Yesu Ahagaze iburyo bw'Imana." Kandi murazi, urashobora kwica intumwa, ariko ntiwokwigera wica ubutumwa bwayo. Kandi ubutumwa, naho Sitefano yari yarigiriye kubana na Yesu, ubutumwa bwiwe bwarabandanije, kuko Paulo yaguma abivuga, kandi, yuko, we ari "muto" muri bo, ko atari akwiriye kwitwa intumwa, kuko yari yarabaye icabona kandi—kandi arashigikira ko bazimanganya uwo muntu yubaha Imana.

32 Kandi kubw'ivyo, Pawulo, nk'uko abantu bose imbere y'abantu botegerejwe gukora, Pawulo afata ico—ico kimenyamenya yacishijwemwo, kera, kuva mu ntango, no ku co yari; hanyuma rero akabishira aho akabishingira ku Vyanditswe, kugira yerekane ko ivyo yariko arakora vyari bishingiye ku Vyanditswe. Naho vyari binyuranye n'ivyo bemera, yariko arabereka ko vyari Ivyanditswe.

33 Kubw'ivyo, niyumvira yuko twebwe. . .Ico ari co cose, nk'uko nabivuze kenshi, bene Data, mwebwe mwabaye mu bikorane, ko, hamwe nokwisanga ndiko mvuga ibintu bitari mu Vyanditswe, rero niyumvira yuko ari ukuri ko. . .canke uwundi mwene Data wese, twotegerejwe kuza umwe wese abwira uwundi ati: "Ivyo ntibiri muri Bibiliya," murabona. Nimba biri muri Bibiliya, ushobora kuba ufise insobanuro itandukanye; ariko, biri, nimba biri mu Vyanditswe, ni vyiza.

34 Rero, Pawulo yariko atanga insobanuro yiwe y'ico umuvugishwa yavuze, n'ico Mose yavuze, vyariko birashika. Yahuriye na Yesu mu nzira, mw'iyerekwa. Niho uyu Yesu Yaca Amuhamagara.

35 Ivyo, ntivyotegerejwe kuba ikintu kigoye kuri abo Bayuda, nk'uko yavuze ati: "Fesito umwubahwa cane," n'i—n'ibindi, ko. . ."mbega vyoba ari ikintu kigutangaza, ko Imana Izura abapfuye?" Murabona? "Kuko namba uzi ico Imana yari kera, bijanye n'I—Ivyanditswe, nta gukeka ko womenya ko Ishoboye kuzura abapfuye."

36 Hanyuma aravuga, yari yababariye ivyo yacishijwemwo vyo mu nzira aja i Damasiko, ivyabaye, ivyo, kugira ngo abamenyeshe ko uwo Yesu Ya—Yariko Aratuma haba umuvurungano mwinshi cane ku bijanye n'uko yariko araMwigishako, Yari We ya Mana nyene bari barakoreye igihe cose. Kuko, Yari mu bugaragwa hamwe na bo, ni We Yabarongora, kuko Yari We wa Muco; Umuriro, Inkingi y'Umuriro Yabarongora. Kandi Yabonekeye Paulo muri ico

kintu nyene, Umuco ubugira kandi, Wamuhumishije. Na we arabaza ati: “Uri Nde, ga Mwami?”

37 Na we Ati: “Ni Jewe Yesu, uwo uriko urahiga. Erega birakugoye gutera imigere ku mihunda.”

38 Kandi yariko agerageza kubasigurira ivyo ari vyo, rero—rero yariko agerageza kubigisha ivyo, kw’ivyo yariko arashikiriza abantu, kwari uko, “Yesu Kristo Yari Mesiya,” kandi ko, “Yari Yarapfuye, maze Imana Ikamuzura.” Kandi ivyo vyari bijanye n’Ivyanditswe. Kandi ko, “ubu rero Yari Yaraduze mw’Ijuru, ku Mana Data,” kandi ko—ko yari icabona c’izuka ryiWe. Kandi, ko, ivyo bitangaza, n’ibimenyetso, n’utwumiza, ivyari bitangaje imbere y’abantu, bitari ikintu gishasha ku wizera nyakuri, ashingiye ku Vyanditswe, kuko Bibiliya Yari Yarabivuze.

39 Nimurabe mu gihe c’abavugishwa, ingene vyavugishijwe, ivyo, ku kuza kwa Mesiya, n’ivyo Yokoze, “Uwucumbagira azosimba nk’impongo,” muri Yesaya 35 n’Ivyanditswe bitandukanye yari gushobora kwisunga. Ntidufise aho vyanditswe hano, ariko kumbure yarabisubiyemwo aravyishimikiza mu majambo yiwe make yavugiye imbere y’abami; kuko, kumbure ntibari kumwihanganira nk’uko mwebwe munyihanganira. Nuko rero, hanyuma ya—yariko arabisigura, agerageza kubabwira ko iyo Mana nyene bakorera . . .

40 Hanyuma, yongera aravuga ati: “Mu nzira bita ko ari *ubuzimire*,” ni ukuvuga, “ubusazi,” murabona. “Inzira bita ubuzimire, ubwo nibwo buryo nsengamwo ya Mana musenga.” Murabona, “Mu nzira bita ubuzimire.”

41 Ndazi neza yuko, uno munsi, hamwe twohagararana n’amashengero ya kera twari turimwo, nk’ay’Abaperesibiteriyano, Abagatorika, Ababatista, n’ayandi atandukanye, twoshobora kubwira iyo ntahe nyene abo bantu bavuga ko bashaka, nk’akarorero, gushira uwo mwene Data mu nzu y’abarwayi bo mu mutwe, canke ikintu nk’ico. “Mu nzira bita ubuzimire, iyo ni yo nzira nsengeramwo Imana ya ba sogokuruza.”

42 Ukuntu cari igishingantahe gihambaye imbere ya Agiripa, ku buryo ageze hagati ariko aravuga, Agiripa yasemereye ati: “Pawulo, Sawuli, ugomba kunyemeza ngo mbe Umukristo.” Murabona, ingene, yazanye Ivyanditswe mu buryo butomoye cane, yamara vyari binyuranye n’isinagogi yiwe bwite. Ariko Ivyanditswe vyari bitomoye neza cane, gushika aho avuga ati: “Ugomba kunyemeza ngo mbe nk’uko uri.”

43 Pawulo aca avuga ati, “Nari nipfuza ko ari uko woba, rwose, gusa sinokwipfuriza ko uba muri iyi minyororo ndimwo,” murabona, ariko abe uwizera nkawe. Mu yandi majambo, hamwe no . . . “Nsaba Imana ko ubona impishuro nk’uko—

nk'uko ndayibona." Mu yandi majambo, "Na—nari nipfuza ko wobikora." Murabona? "Ndipfuza gusa ko wobikora."

44 Igihe Fesito, ndibaza, yari yamubwiye ko yari "yarize birenze," yari "yataye umutwe." Ariko yaramumenyesheje ko atari—ko atari ko vyari biri; ko ya—yari azi aho yari.

45 Kandi novuga ibi, muri iki gitondo, bene Data. Nipfuza ko noshobora rwose. . . Atari ukwigereranya n'ubuzima bwa Pawulo, ariko kugira gusa ngo mvuge ibintu bikeya vy'ishimikiro. Kuko, hariho n'abandi benshi hano kumbure bahava bavuga muri iki gitondo, ariko nashaka aka karyo ko kuvuga ibi. Rero nipfuza ko amashengero yose atandukanye, nk'uko numvise muyavuga, Urusengero Beteli, Abigenga, Amakoraniro y'Imana, n'ayandi atandukanye. . . Nari nipfuza ko mwese hamwe mwobona ivyo mbona; ko mwobibona. Nari nipfuza ko mwoshobora kubona iyerekwa mbona, aho niho rero mwogira ugutahura gutomoye, kw'iki gikorwa c'ibango.

46 Igihe nava mw'ishengero ry'Ababatista, kugira ngo nze muri pentekoti; Dogiteri Roy E. Davis, ariwe yari yarandambitseko ibiganza mu gikorwa mw'ishengero ry'Ababatista b'Abamisiyonari, yambwiye ko nari narose nabi, igihe iyerekwa ry'Umwami ryaza rika—rikavugana nanje. Kandi—kandi murazi ivyo gukira indwara urugero vyariko ico gihe, vyari hasi cane.

47 Kandi—kandi nta kintu na kimwe nari nzi ku Bapentekoti. Numva ko bari umugwi w'aberanda bikumbagaza hasi bagacira inkonda nk'imbwa zisara, kandi vyasaba ko babaha akayaga ngo bagarukane ubwenge, n'ibintu vyose nk'ivyo. Ivyo ni vyo vyonyene nari nzi ku Bapentekoti.

Yavuze ati: "Wibaza ko ari nde azokwumviriza?"

48 Nca mvuga nti, "Nimba Imana Indungitse, hariho umuntu ahantu kanaka Yandungitseko." Ivyo ni vyo. Murabona? "Kuko," mvuga nti "Dogiteri Davis," mvuga nti, "Yari aho vy'ukuri; nanje narahagaze ndaMwihweza," niko namubwiye. Bambwiye ko ayo mayerekwa yose. . .

49 Ndizera bikomeye, bene Data, ko—ko ingabire no guhamagarwa biticuzwa. Ivyo nda—ndavyizera. Waravutse, ntushobora kuba ikintu utari. Kandi igihe cose ugerageje kwigira ico utari, uba uriko urakina gusa urukino rw'indyarya. Imana Ize Ireke mpfe hako mba indyarya, murabona. Mbe ico ndi nyene, hanyuma ndabigaragaze kandi ndabitomore. Kandi—kandi, rero, nze—nze mbe uko, n'abantu bose babimenye. Aho rero uca ibimenya neza.

50 Nuko rero ubu, nk'uko mubizi, sinize amashure menshi, nk'uko nabivuze. Rero muri. . . mu vya teworojiya, ni jewe muntu wa nyuma abaho. Kandi ndakeka ko ivyo mubizi, murabona. Kandi nk'umuvugabutumwa, biranangora cane kuvuga ko ndi we, kubera ntagira amashure no kumenya amajambo, n'ibindi.

Ariko bike mfise, kugira . . . ivyo mfise nk'ubumenyi, kumenya, kubw'ubuntu bwiWe, Umwami Yesu, ndagerageza kubisangira na bene Data bose ahantu hose, kugira ngo ndabibasangize.

51 Ariko, igihe nava mw'ishengero ry'Ababatista . . . rikaba ari ryo shengero ryonyene nabayemwo, nako natiriwemwo kuba umukozi w'Imana. Natiwe nk'umukozi w'Imana mu 1933, mw'ishengero ry'Ababatista b'Abamisiyonari, i Jeffersonville muri Indiana. Ni—ni . . . riri mw'Ihuriro ry'Ababatista ryo mu Bumanuko. Rero twebwe, muri iki gihe, na . . . igihe nasohoka nka . . .

52 Ishengero ry'Ababatista ni ishengero ryigenga. Twe—twese turazi, ko ari—ni . . . Urashobora kuvuga ubutumwa ku kintu ico ari co cose ushaka, nimba ikoraniro ryawe ribishigikiye. Baca gusa . . . Urigisha ico ushaka cose.

53 Ivyo ndabikunda, murabona, kuko nizera ko ari ivy'intumwa. Kuko, umutwe, urwego rwo hejuru ya vyose mw'ishengero, ni umwungere, ivyo turabitahura, umupasitori. Kandi—kandi nimba u—u . . . Nimba hari umwepisikopi kanaka canke uwundi muntu yokura uguhishurirwa ku mupasitori, none Imana Yokwigera Ishobora Ite gukorera mw'ishengero ryaYo? Murabona, ntimwoshobora kubishikako. Rero, mfise . . .

54 Maze kuvayo, narahuye n'umugwi wa mbere, kukaba kwari ugukira indwara kwa ka Betty Daugherty, i St. Louis muri Missouri. Kandi ryari ishengero ry'Abapentekoti Bunze Ubumwe, canke ishengero ry'Abapentekoti ry'Izina rya Yesu, kandi uwo mupasitori yari uwo muri ryo, nuko agakobwa kiwe gatoyi karakize. Vy'ukuri, niyumviriye yuko icatuma aba Umupentekoti, kwari ukubera biyita, "Yesu Wenyene." Niyumviriye ko ari vyo vyatuma baba Abapentekoti, ko kwari kubera ko ari vyo biyita, kandi ko iryo ryari ryo tandukaniro. Rero, ego, hanyuma mvuye ng'aho nagiye . . .

55 Kandi umuntu mwiza; twagize igikorane gikomeye i St. Louis, ico dufitiye ifoto hariya. Kandi twari twafashe Ingoro y'amakoraniro ya Kiel; hanyuma ku mugoroba wa mbere, canke uwa kabiri, hari ibihumbi cumi na bine buzuye no ku bunwa, kandi ntitwashobora no . . . vyabaye ngombwa ko bashira abaporisi ku miryango, kugira babagumize hanze.

56 Hanyuma mvuye ng'aho, nca nja kwa Richard T. Reed, wo mw'Ikoraniro rihezagiye ry'Igihe ca kera ca Bibiliya, i Jonesboro, na ryo nyene ryari iryo muri iryo dini nyene. Nuko mvuye aho, nja kwa Dogiteri G. H. Brown, rya dini nyene, ku nomero 505 Ibarabara Victor i Little Rock, muri Arkansas. Mvuye aho, nca nja ku Nkengera yo mu Burengero.

57 Hanyuma rero nshitse ku Nkengera yo mu Burengero, nahuye n'umuriro. Aho rero naciye sanga hariho ukwirema ibice kwinshi mu bantu b'abapentekoti, mu madini yabo, kurusha ukwo twebwe Ababatista dufise. Murabona, hariho—hariho

ubudasa bwinshi cane, bwariho, bari bafise ubutandukane. Hariho Amakoraniro y'Imana, n'Ishengero ry'Imana, n'ikindi kintu, n'ikindi kintu, n'ikindi kintu, n'ikindi kintu, na—n'ubutandukane. Kandi bari baritandukanije, baca barashiraho imipaka mitomito. Hanyuma abandi bene Data bose batangura kuza kuri jewe, bambwira bati: "Erega, uri uwo muri ba Yesu Wenyene, hamwe n'uyu murwi hano."

Nca mvuga nti: "Oya, jewe si—jewe siniyita uko." Murabona?

Aca avuga ati: "Ariko, uriko urifatanya na bo."

58 Nca mvuga nti: "Emwe, ivyo—ivyo ntibintuma mba uko." Murabona? Nca mvuga nti: "Na—na—na . . . Bari bene Data."

59 Aca avuga ati: "Erega, ni umugwi wa . . . Erega, nta kindi bafise atari umugwi w'aho ibinyakabaka bihagarara n'ibindi, ng'aho, nk'uko. Aho . . . "

60 Nca mvuga nti: "Aho urantunga. Narahuye n'abantu bubaha Imana vy'ukuri hariya. Kandi ni abantu b'Imana." Nca mvuga nti: "Nda—ndanka vy'ukuri ko babita ko ari babi; kuko, si babi."

61 Ego, rero naragerageje kwihangana uko nshoboye, ntashigikira uyu canke uriya. Ego, nca ntangura kwiga ivyiyumviro vyabo, n'ivyo batandukanirako, n'ivyatuma batandukana. Nca nsanga imigwi ibiri ya mbere ikomeye, umwe muri yo, witwa Yesu Wenyene, uwundi nawo witwa Amakoraniro y'Imana. Kandi bari bahujwe, nako batandukaniye, ku bijanye n'ikibazo c'umubatizo wo mu mazi; bamwe bakoresha "Data, Umwana, Mpwemu Yera," abo bandi na bo bagakoresha Izina rya "Yesu".

62 Rero, nararavye, kandi ku mpande zompi hari abantu bahambaye, abakozi b'Imana. Nca nibwira nti: "O Mana, hamwe noshobora kubabona bose basohoka mu . . . bakabandanya gusa bakagira . . . ariko atari kwishingira uturimbi gusa, bavuga ngo: 'Nta sangira tuzogira hagati yacu.'" Ariko nasanze, muri ivyo, ko impwemu mbi yari yinjiye muri bo ituma haba urwanko n'ububisha, ku bibazo vyari vyaje hagati yabo. Nca niyumvira nti: "Ivyo ni vyo neza na neza umurwanizi ashaka. Ivyo ni vyo nyene ashaka." Igihe cose muba mwarabishanijeko ibirwanishwa vyanyu, ntibimusaba kwiririrwa ararwana na gatoya. Nanje . . .

63 N'uko rero, amaherezo, vyahereje ku guhangana. Kandi uko guhangana kwabereye i Seattle, i Washington, nko mu 1946. Hanyuma igitondo kimwe, baranjanye aho bakirira abantu mw'ihoteri, hameze nk'aha, ku—ku kavunamusase hamwe n'abakozi b'Imana bamwe. Nanje nategerezwa kuvugana n'abantu babiri bakuru bakuru.

64 Umwe muri bo yari Dogiteri Ness. Nibaza ko mwebwe bene Data bo mu Makoraniro y'Imana mumwibuka. Yari mu

karere ko mu buraruko bushira uburengero; umuntu ahambaye, incabwenge, yaminuje. Yaserukira Amakoraniro y'Imana.

65 Hanyuma, Dogiteri Scism, wo mw'ishengero rya Pentekoti Yunze ubumwe. Nibaza yuko mwebwe bene Data bo mu Bapentekoti Bunze ubumwe mumwibuka. Na we nyene yari uwo mu turere two mu buraruko bushira uburengero hariya, niwe yabatwara bo n'uturere twa hariya.

66 Rero, abo bagabo babiri barahuye. Nanje nategerezwa kujanwa imbere yabo, kuko u—ukutumvikana kwarushiriza kuba kwinshi, kandi bandwanya ku mpande zose. Nca niyumvira nti: "Mbega nokora iki? Ni iki nokora?"

67 Rero, bavuga bati: "Emwe, ubwirizwa kugira uruhande uru canke urundi wegamirako. Namba ujana n'uruhande rw'ab'Izina rya Yesu, utegerezwa kuba uw'Izina rya Yesu. Namba naho ujana n'Amakoraniro y'Imana, utegerezwa kuvavanura n'ab'Izina rya Yesu, ube uwo mu Makoraniro y'Imana, n'ibindi." Hari hageze aho nategerezwa kugira ico nkoze mu buryo kanana.

68 Narasenze cane ico gitondo imbere yo kujayo. Mvuga nti: "Mana, mfasha. Kuko, hariho abantu babiri bakomeye; hari ibihumbi vy'abakozi b'Imana. Kandi Wandungikanye igikorwa c'ibango ng'aha. Kandi bompi ni abakozi baWe. None nokoresha akosho gato mfise ku mugwi umwe mu gihe uriko urarwanya uwundi?" Murabona? "Si—sinokwiyumva neza na mba nkoze ivyo. Siniyumvira ko vyoba ari ubugombe bwa Kristo ko ndabikora." Nca mvuga nti: "Mana, mfasha hanyuma Umpe ico nokora, canke Umpe ico mvuga."

69 Aho nta n'umwe nari mfise. Nategerezwa guhagarara aho gusa ico gitondo, jewe n'Umwami Yesu gusa.

70 Rero, impari zikomeye zica ziraduka. "None urakora iki? Ni—ni—ni iyihe ngingo uza gufata?"

71 Nca mvuga nti: "Ingingo yanje yamaze gufatwa. N'uko, ingingo yanje, ni uguhagarara hagati yanyu mwempi, sinifatanye n'umugwi n'umwe; no kuvuga, ndabafashe ku bitugu mwempi nti, 'Turi bene Data.'" Murabona? Murabona, turi bene Data. Murabona? Nca mvuga nti: "Narageragej e gusoma ibitabu vyose nshoboye, ingene ivyo vyaje, ivyo bise ngo iki 'kibazo gishasha,' n'ingene bitandukanije, n'ingene *uyu* yatanguye *uku* na *kuriya*." Nca mvuga nti: "Mu mpari ziri hagati yanyu," mvuga nti, "ico ni co kintu nyene casambuye umuvyuro wa kipentekote, ku munsi . . . inyuma ya Pentekoti. Batanguye impari hagati yabo." Ndaheza nti: "Ni co kintu gisubiye gutandukanya."

72 Nca mvuga nti: "Mbega vyoshoboka ko haba uburyo bwo guhurira hagati ga bene Data? Mbega hariho ikintu co—coshobora guhagarara?"

73 Rero, ntibari kwugurura umunwa kuri ivyo, kuko vyari bikaze cane. Murazi, haraciye nk'imyaka cumi n'itanu, mirongo

ibiri, ukuntu vyari, kuko umugwi umwe waheruka kuva mu wundi, kandi hariho imikwegano cane.

74 Kubw'ivyo rero nca mvuga nti: "Emwe, bene Data, ng'ibi ivyo ngiye gukora. Ngiye ku...Imana ntiYigeze Intuma kubatiza, uko biri kwose. Yantumye gusengera abana baYo barwaye." Mvuga nti: "Rero, ngiye gu—gusengera abana barwaye, namwe bakozi b'Imana mwibatiririze ubwanyu," niko navuze.

75 Mvuga nti: "Ubu ndashaka kubabaza ikintu kimwe, kugira gusa mutahure." Mvuga nti: "Mwene Data Ness, uwo...aba bantu b'Izina rya Yesu, mwoba mwizera ko baronse Mpwemu Yera mu gihe bavuga mu ndimi bagakora nka bimwe nyene namwe mukora mu Makoraniro y'Imana?"

Ati, "Ego cane."

76 Nca mvuga nti: "Mwene Data Scism, urizera ko Amakoraniro y'Imana bafise Mpwemu Yera mu gihe bavuga mu ndimi bakanakora nka bimwe nyene namwe mwakoze mumaze kubatizwa?"

Aca avuga ati, "Ata nkeka, ndavyizera."

77 Nca mvuga nti: "Rero, Bibiliya Ivuga ngo: 'Imana Iha Mpwemu Yera abaYumvira.' None, ni nde yaYumviye? Ni nde yaYumviye? Ni nde muri mwebwe yaYumviye? Kandi Imana Yarabahaye Mpwemu Yera mwempi." Murabona?

78 Mvuga nti: "Wovuga, ga Mwene Data Scism, ko Mwene Data Ness adafise Mpwemu Yera?"

Ati: "Oya."

79 Mvuga nti: "Wovuga ko Mwene Data Scism adafise Mpwemu Yera?"

80 "Oya." Murabona? Bompi barizera ko umwe wese afise Mpwemu Yera.

81 Ariko, murabona, ntivyumvikana, bene Data. Ntivyumvikana. Kandi narumvise, inyuma y'aho gato...

Ndagaruka ku ciyumviro canje mu kanya gatoya.

82 Bene Data bo muri Finilande bari ng'aha, maze kuva muri Finilande; aho Imana Yaduhaye, ico niyumvira, kimwe mu bikorane vyacu bihambaye cane. Aho niho wa muhungu mutoya yari yapfuye yazuriwe, n'ibindi vyinshi. Narahuye i Stockholm, mu Busuwede, na Lewi Pethrus wo mw'ishengero rya Filadelufiya hariya akaba ari umuntu ahambaye w'Imana, n'Ishengero rya Filadelufiya. Mwene Data Gordon Lindsay, akaba yari...ndibaza. Sinibaza yuko ari umunywanyi waryo ubu, ariko yari uwo mu Makoraniro y'Imana.

83 Kandi Amakoraniro y'Imana ni bamwe mu banshigikira cane mu buryo, kw'isi yose. Abo muri Foursquare nabo, bakaba bavuye mu Makoraniro y'Imana, ni bamwe mu banshigikira

cane mu buryo. Abanyabumwe ni, kw'isi yose, ni bamwe mu banshigikigira cane mu buryo. Murabona? Nafashe iyo ngingo, kugira gusa ndeke indyane, maze nca mfata ingingo, ko ntazoja ku ruhande na rumwe muri iyo mikwegano. Gushika dushoboye kubona ko turi bene Data, tukaja hamwe, hanyuma tuzo—twese tuzohuriza ku kintu kimwe, ico turiko twerekezako, imvo n'intumbero yo gukora uko.

84 Rero u—utegerezwa gusuzuma imvo n'intumbero vyawe, ubwa mbere. Ubwa mbere, urondere ubugombe bw'Imana; hanyuma usuzume intumbero yawe; hanyuma usuzume imvo yawe maze urabe ko imvo yawe ari yo. Hanyuma rero, nk'uko Yesu Yabivuze muri Mariko 11:24, Ati: "Ni wabwira uwu musozi uti: 'Shinguka,' ntubikekeranye mu mutima." Ariko igihe cose ufise ugukekeranya mu mutima, wibaza namba ari ubugombe bw'Imana, canke imvo canke intumbero vyawe bikaba ari bibi, woshinguka gute? Ariko iyo uzi ko imvo yawe ari nziza, kandi ko ari ubugombe bw'Imana, n'intumbero yawe ikaba ari nziza, utegerezwa gushinguka. Ni uko, atar'uko Imana Yoba Yavuze ikintu kitari co.

85 Ni co gituma nyene, iyo ngiye ku gicaniro, mu mashengero, nta n'umwe arigera anyumva mvuga ivyo bintu ku gicaniro, ivyo bibazo. Ndavyihoza. Murabona, ivyo birabaraba, mwebwe bagabo. Murabona? Ndi hano ngo ndabafashe kuzana imishaha kuri Kristo, biciye ku ngabire y' Imana, murabona. Murabona? Ntaco bihindura . . . Mwebwe ni mubatize ubwanyu. Ariko rero iyo hageze . . .

86 Ego koko, baranyise amazina yose ashoboka. Baranyise, sinzi uko angana, hose kuva ku—ku "ku mwana w'Imana mu mubiri w'umuntu" gushika ku—kuri "shetani." Ni ko biri, vyose. Ariko, inyuma ya vyose, ndi mwene So, umugenzi wanyu wo mu Bwami bw'Imana; dukorana namwe mwese, kubw'Ubwami. Kandi ivyo ni ukuri.

87 None rero nzo, nimba ari vyiza, namba mwibaza ko dufise umwanya ukwiye, nashaka kubabwira ingene twabiyazeko. Mbega vyoba vyiza, ga bene Data, akanya gatoya gusa, Mwene Data, Mwene Data Ness n'abandi? Neza cane. Kandi koshobora kuba akantu gato kobafasha. Vyobafasha gutahura, mu buryo kanaka.

88 Nanditse, hano, bimwe mu bintu nibutse. Nuko rero barambajije, ico nizera ku bijanye "n'ubutatu," mbega ndizera yuko hariho "ubutatu" bw'Imana?

89 Rero bene Data, mu gihe tubigiyeko, nizigiye ko, ibi nivyahera, ko tuzoguma turi ba bene Data nyene uko twari ico gihe cose. Murabona? Ariko numva ko ndabibafitiye nk'umwenda, kuko abantu banyu baza mu bikorane vyanje, kandi ata nkeka sinokwipfuza kurungika n'umwe muri bo ngo agende, yahenzwe.

90 Kandi nama mbwira abantu banyandikira ibibazo, biri hanze y'ubutumwa mvugira ku gicaniro. . . Ng'uyu umunyamabanga wanje, n'ibindi. Iyo bambajije ikibazo ngo: "None *ibi* bimeze gute, canke *birya* bimeze gute?"

91 Nca mvuga nti: "Baza umwungere wawe, murabona. Kuko, nimba yarabarongoye gushika aha, gushika aho muronka Mpwemu Yera, azobandanya abarongora, murabona. Mwebwe, murabona, nimubaze umwungere wanyu." Kuko, utuntu dutoduto nk'utwo dutera ukuzazanirwa, kubw'ivyo rero ndavyigira kure, murabona.

92 Rero, kandi bambwiye ko ndi u—uwurwanya amadini. Rero, sindi we. Niyumvira ko amadini ari meza cane, ariko iyo umukorere wanyu w'idini ryanyu wononekaye, ivyo nivyo ndwanya. Murabona? Ntaco bitwaye biba ubumwe, canke—canke ari ubutatu, canke ikintu ico ari co cose biri, umukorere; ko iyo ushitse ahantu, uca u. . . ukavuga uti: "Turi Amakoraniro y'Imana."

"Mbega, uwo ari hakurya y'ibarabara ni nde?"

93 "Oo, abo ni bene Data. Bi—bitwa Abapentekoti Bunze ubumwe."

"Mbega, bariya ni bande?"

94 "Oo, ni bene Data b'aba Foursquare. Oo, turi bene Data beza cane. Dufitaniye isangira rikomeye hagati yacu."

"Oo, mwese mwizera ikintu kimwe?"

"Oo, ego, turizera."

"None, mbega, ni iki gituma muba gutyo?"

95 "Rero, *aba* bene Data babatiza *uku*. *Aba* nabo babatiza *uku,* baraba ku ruhande rutandukanye natwe. *Aba* nabo babatiza. . . "

96 Ni nka hariya muri Afrika y'Epfo, mwene Data, ivyo twarabiciyemwo. Barambajije. Umugwi umwe ubatiza incuro zitatu, baraba imbere. Uwundi nawo wabatiza incuro zitatu, ubugarame. Baca bavuga. . . Nca mvuga nti: "Ni hehe mwabikuye?"

97 Umwe ati: "Igihe Yapfa, Bibiliya ivuga ko Yunamitse umutwe imbere," aca avuga ati: "kubw'ivyo dukwiye kubunamika tujana imbere."

98 Nanje nti: "Mbega," ku wundi mugwi, "Ni igiki. . . Namwe ni gute?"

Bati: "Murigera muhamba umuntu mu maso haraba hasi?"

99 None, mbega murazi? Baritandukanije bagira imigwi ibiri, amadini abiri. Oo, imbabazi, bene Data! Ivyo ni vyo nyene umurwanizi ashaka. Ivyo gusa ni vyo ashaka. Ego. Mwigire. . .

100 Rero, murabona, si Misiyoni y'Ukwizera kw'Intumwa, canke—canke naho ngo abe n'Amakoraniro y'Abapentekoti, hariya ku rundi ruhande. Si ivyo. Hariho abantu beza muri iyo migwi yompi, nk'uko bari hano. Ariko, murabona, ni umukorere w'ico kintu.

101 Ni nk'Abagatolika, nk'uko nabivuze kenshi. Namba ari Umugatolika, akaba yishimikije Kristo kubw'agakiza, uwo yarakijijwe. Ata nkeka, ni vyo. Namba yishimikije ishengero, uwo yarazimiye. Kandi uwo ari we wese muri mwebwe bene Data b'abapentekoti arazi ko, nimba duhanga amaso ishengero rya Pentekoti ngo abe ari ryo ridukiza, "turi, mu bantu, b'abagorwa kuruta abandi bose," ni vyo, kuko twarazimiye. Ni vyo.

102 Ariko namba duhanze amaso Yesu Kristo, aho rero twarakijijwe, "kubw'ukwizera kwawe," (ivyo, iki?) igikorwa giherahejwe. Utwo dukoresho duto duto, n'ibimenyetso, ntaco bihindura kinini.

103 Rero, nabwiye Mwene Data Scism, kuri. . .na Mwene Data Ness nti, "Kugira nishure ikibazo canyu," nti: "ubu rero, simfata uruhande na rumwe rwanyu bene Data. Kandi ndazi, igihe cose muzoba muri mu mikwegano, mwempi muzoba muri mu makosa. Murabona? Kuko, nopfuma mba ntari mu kuri mu nyigisho ariko, ngororotse mu mutima, hako mba mu kuri mu nyigisho, ariko nkaba ntagororotse mu mutima." Murabona? Nca mvuga nti, "Uko biri kose, igihambaye ni uko umutima umeze."

104 Kandi ivyo narabigize akamenyero, kumenya iki: ko, iyo umuntu, ivyo yokora vyose, n'ingene yoba atandukanye, n'ivyo amvugako; iyo mu mutima wanje, bitavuye ku gahato gusa, ariko bivuye mu mutima ntashobora gukunda uwo muntu nk'uko nkunda uwundi muntu wese, aho rero mba nzi ko hariho ikintu kitagenda neza hano imbere, murabona. Ni vyo, kuko, ni—ni . . . ntaco bitwaye namba yo . . .

105 Mwene Data umwe mutoya yaraje, nta gihe giheze, mwene Data mutoya umwe wo mw'Ishengero rya Kristo. Nuko, oo, ahagarara hariya, avuga ati: "Uyu muntu ni idayimoni." Murabona? Yavuze ati: "Avuga ivya Mpwemu Yera." Ati: "Nta kintu nk'ico kibaho. Bo, ego, za ntumwa cumi na zibiri gusa ni zo zaronse Mpwemu Yera. Kandi—kandi ugukiza indwara kw'Imana kwahawe gusa izo ntumwa cumi na zibiri." Aca arabandanya, nk'igice c'isaha.

106 Nanje nca mvuga nti: "Akanya gatoyi, mwene Data. Niyumvira ko mwari mukwiye kumpa gusa akaryo ko kwerekana Bino, murabona." Nca mvuga nti: "Wavuze ko uvuga aho Bibiliya Ivuga, ugaceceka aho Yacecetse."

Na we ati: " Ni uko biri."

107 Nca mvuga nti: "Wavuze yuko ari za ntumwa cumi na zibiri gusa zaronse Mpwemu Yera. Bibiliya Ivuga ko: 'Hari ijana na mirongo ibiri muri ca cumba co hejuru igihe Mpwemu Yera

Yamanuka, abagore n'abandi bose.' None woshobora kumbwira, wiyumvira ko Paulo atari afise Mpwemu Yera? Kandi yaMuronse igihe kirekire inyuma y'ivyo, murabona. Kandi wavuze uti: 'Ingabire yo gukiza indwara yahawe za ntumwa cumi na zibiri gusa.' Na Sitefano yaramanutse, inyuma y'iminsi mikeyi, kandi ntiyari umwe muri bamwe cumi na babiri. Ntiyari mbere n'umuvugabutumwa. Yari umudiyakoni, amanuka i Samariya asenda abadayimoni." Nca mvuga nti: "Oo, mwene Data!" Kari agacerere cane ng'aho nyene, ego, aho kabwirizwa kuba.

108 Nuko biheze, nca mvuga nti: "Ariko, ndakubabariye ko wanyise idayimoni, kuko ndazi ko ivyo atari vyo washaka kuvuga."

109 Hanyuma rero ahejeje, yaraje. Avuga ati: "Hariho ikintu kimwe nshobora kuvuga. Ufise Mpwemu wa Kristo."

110 Nca mvuga nti: "None, mwene Data, ndi iki, idayimoni canke uwa Kristo?" Murabona? Murabona?

111 Ariko ndababwire, murabona, ni uko umuntu, yashobora kubona ko ndamukunda; ntaco vyari bitwaye, naho atemeranya, kandi atemeranya bikomeye akanavuga na nabi. Ya . . .

112 Ndi umuhigi, kandi w'ibikoko vyo mw'ishamba, ubuzima bwanje bwose. Abantu baravuze bati: "Gute . . . " Ca gihe hamwe nategerejwe kwica ya dubu, n'imbugita, murabona. Bavuze bati: "None ntiwayitinya?"

113 Navuze nti: "Oya. Iyo mba narayitinye, yari kunyica, murabona."

114 Ariko, murabona, ntushobora—ntushobora kuzihenda. Ziramenya nimba uzitinya, canke utazitinya. Utinye ifarasi, uce urabe ivyo ifarasi izokora, izoguhonyanga. Murabona? Rero nimba ufise ubwoba . . . Ntushobora kuvyigirisha. Mu vy'ukuri ubwirizwa kuba ubifise.

Ni ko biri no kuri Satani.

115 Uko ni ko biri no mu bantu. Ubwirizwa gukunda abantu. Ntushobora kwigirisha gusa. Utegerezwa kuba ubifise, atari uko ico uri kizokwiyerekana ahantu kanaka, murabona. Ni vyo. Utegerezwa vy'ukuri gukunda abantu, kandi baramenya ko ubakunda. Murabona, hariho ikintu kijanye na vyo.

116 Kandi uwo mugabo ubu, yarahamagaye umugore wanje, haraciye iminsi mikeyi, avuga ati: "Mbega Mwene Data Branham ni ho ari?"

Nawe ati: "Oya."

117 Aca avuga ati: "Rero, ikintu kimwe novuga. Sinemeranije na we, mu vya teworojiya, ariko ndavuga ko ari umukozi wa Kristo."

118 Nuko, rero, kandi rero imbere yuko ngenda, yarandungikiye ikete, aca ambwira ati: "Nzoza, ukimara kugaruka. Ndashaka uwo mubatizo wa Mpwemu Yera uhora uvuga."

119 Rero, murabona, mu gihe iyo uba ufise. . . Iyo ngira uko kwiyumva, ko kuvuga ngo, "Erega, ntaco umaze. Idini ryawe rya kera nta na kimwe rimaze, kandi—kandi mwebwe mwese abantu b'Ishengero rya Kristo nta na kimwe mumaze. Nta na kimwe mumaze. Muri—muri abadayimoni." Sinari kwigera ngarura uwo mugabo. Kandi iyo ndamubwira ko ndamukunda, ariko bitavuye ku mutima, yari kubimenya neza. Nta kirenga aho. Bibwirizwa kuba bivuye ku mutima.

120 Kandi ni uko ku migoroba iyo ngenda nja kuri gicaniro, ndi munsi yo gusuzuma impwemu, murabona. Sindavyiyumvirako. Ico nkora sinsubira gufungura, inyuma y'ifungurwa zo ku mutaga; nca nisonzesha ngasenga, nkaguma mu cumba. Kuko, Yansezeraniye ko Yobikoze. Kubw'ivyo rero nca ngenda ata n'igitutu na kimwe co gukekeranya, kuko Yasezeranye ko Yobikoze. Kubw'ivyo, murabona, intuze yanje. . . Ndazi ko imvo yanje ari (iki?), intumbero yanje ni (iki?), yo guteza imbere Ubwami bw'Imana.

121 Umuntu agenda *gutya*, *kuriya*, ishengero iryo ari ryo ryose ajamwo; mu gihe aza kuri Kristo, ivyo ntaco bitwaye kuri jewe. Kandi ivyo biri mu mutima wanje. Murabona? Uko biri kose, nimba tugenda hariya tukifatanya n'Ishengero rya Kristo, ivyo ni amarame. Ni vyiza. Nimba yi. . . Ishengero ryose yinjiramwo, ivyo jewe ntaco bintwaye. Ariko igihe cose nazanye umushaha wiwe kuri Kristo, ni co kintu nyamukuru.

122 Rero navuze nti: "Mwene Data Ness, si ukugira ngo ntiduhuze. . ." Ubu ngiye ku. . . Mbega ni vyiza gukoresha *iki,* ga mwene Data? [Mwene Data avuze ati: "Ego cane."—Umw.] Mvuga nti: "Nshaka kuvuga no kubisigura." Kandi, muri ibi, noshobora kubabwira bene Data muri hano. Ntimubivuge ibi mu makoraniro yanyu. Nimba mushaka, mumfashe, mu—mu—mureke gusa ngume ndi mwene so. Murabona? Jewe, nimba—nimba nihenze, mumbabarire. Ariko nashaka kubasigurira, kuko hari iyo migwi yompi yicaye hano muri iki gitondo, mwempi Abanyabumwe n'abo—n'ab'Amakoraniro, na yo nyene, n'ukwizera kw'ubutatu.

123 None rero ndashaka kuvuga iri jambo. Nshaka kuvuga ko nizera ko izo mpande zompi ziri mu makosa, igihe cose zizoba ziharira hagati yazo, kuko imvo zazo ni mbi. Kandi igihe cose imvo zanyu zizoba ari mbi, uko intumbero yanyu yoba imeze kose, ariko imvo zanyu zo gushika kuri iyo ntumbero ari mbi, ntaho bizoshika. Ni vyo.

124 Rero, abantu bamwe bavuze bati: "Mwene Data Branham, ni uwo mu ba Yesu Wenyene." Nashaka kuvuga ko atari vyo. Sindi uwo mu ba Yesu Wenyene.

125 Umuntu yovuga ati: "Mwene Data Branham, uri Umunyabutatu?" Oya, mushingantahe. Sindi Umunyabutatu. Ndi Umukristo. Murabona? Si—si—si . . . Ijambo ubutatu ntirinavugwa no muri Bibiliya, ijambo "ubutatu." Kandi sinizera ko hariho Imana zitatu zitadukanye.

126 Nizera ko hariho Imana imwe mu bikorwa bitatu: Data, Umwana, Mpwemu Yera. Ni co gituma twatumwe kubatiza mw'Izina rya Data, Umwana, Mpwemu Yera. Nizera ko ari Imana Yicisha bugufi, Ikamanuka.

127 Rero, Imana, igihe Yabonekera umuntu irya mbere, Yari mw'ishusho y'Inkingi y'Umuriro. Ivyo muravyizera, si vyo? U . . . Umusomyi wa Bibiliya wese arazi ko irya Nkingi y'Umuriro yari mu bugaragwa yari Logos, yuko yari wa Mumarayika w'isezerano, ari we Kristo.

128 Kuko, Yavuze . . . Yari . . . Ntiyari . . . Nibaza ko ari muri Yohana Mweranda 6 hariya, Yavuze Ati, "Imbere yuko Aburahamu abaho," Avuga Ati "NDIHO." Yari "NDIHO."

129 Rero, iyo yari Imana, Yera; mbere naho umuntu yakora ku musozi, yategerezwa kwicwa, murabona. Ni vyo. Rero iyo Mana nyene Yariko Iragerageza gukora ngo Isubire mu kiremwa Yari Yararemye. Rero, NtiYari gushobora kuza hafi yabo, kuko bari abanyavyaha, kandi amaraso y'impene n'intama ntiyigeze akuraho icaha. Ivyo turabizi. Yarapfuka icaha gusa.

130 Rero, ariko aho Iyo Mana nyene Yari Inkingi y'Umuriro, Yarahindutse umubiri, biciye mu Mwana WaYo, Ica Iba mu mubiri witwa Umwami Yesu Kristo. Bibiliya Ivuga iti: "Muri We harimwo ukunengesera kwose kw'Ubumana mu buryo bw'umubiri." Yesu Yavuze mu . . . Ego, muri Timoteyo wa Mbere 3:16, "Nta wubihakana, ko ibanga ryo kwubaha Imana rihambaye cane." Namba barashobora kuryita irihambaye cane, none, natwe twokora iki, murabona? "Ibanga ry'Imana rirahambaye cane, kuko Imana Yerekanwe Ifise umubiri, Ikabonwa n'abamarayika, Ikaduzwa mu Bwiza," n'ibindi. Rero, Yavuze muri Yohana Mweranda 14, Abwira Toma, "Uwumbonye Jewe, aba abonye Data. None uvuga ute ngo: 'Twereke So'?" Bibiliya Ivuga, yuko: "Imana Yari muri Kristo, YiYuzuza n'abari mw'isi."

131 Rero, Imana Ntishobora kuba abantu batatu, Imana zitatu. Na Yesu nyene Ntashobora kuba Se WiWe bwite, muri umwe. Murabona? Kubw'ivyo rero, murabona, bituma ivyo vyompi biba ibinyoma bikabije.

132 Rero, ubu namba mwovyihweza neza, nta hantu hariho . . . Namba dufise Imana zitatu, turi abapagani. Ivyo turabizi.

133 Nk'uko wa Muyuda yambwiye igihe kimwe, igihe nariko ndayaga na we, ati: "Ni iyihe muri zo ari Imana Yawe? Ni iyihe ari Imana Yawe, Data, Umwana, canke Mpwemu Yera? Ni iyihe ari iyawe?"

Nca mvuga nti: "Erega nta Mana zitatu zibaho."

134 Aca avuga ati: "Ntushobora guhimbagura—guhimbagura Imana mu bipande bitatu ngo uYihe Umuyuda."

Nca mvuga nti: "Oya, mushingantahe." Mvuga nti . . .

135 Igihe John Rhyn yari yakize ubuhumyi, hariya i Fort Wayne, murazi; hanyuma uwo mu rabbi ng'aha i Mishawa- . . . canke i Fort . . . Benton Harbor. Yavuze ati: "Ntushobora guhimbagura Imana mu bipande bitatu ngo uYihe Umuyuda."

136 Nca mvuga nti: "Ata nkeka ntibishoboka. Sinobikora." Nca mvuga nti: "Rabbi, mbega vyokugora kwizera abavugishwa?"

Aca avuga ati: "Oya."

137 Nca mvuga nti: "Muri Yesaya 9:6, yariko avuga kuri nde, 'Kuko Umwana Atuvukiye, duhawe Umwana w'umuhungu, Azokwitwa Umujenama, Imana y'ubushobozi, Umwami w'Amahoro'?"

Aca avuga ati: "Uwo yari Mesiya."

Nca mvuga nti: "None, ga Rabbi, ni irihe sano Mesiya Azoba Afitaniye n'Imana?"

Aca avuga ati: "Azoba Ari Imana."

138 "Ivyo ni vyo niyumvira." Murabona? Ubu, murabona, ni vyo neza na neza. Ico ni co Ari. Nanje nti: "Mbwira rero aho Yesu Yananiwe gushitsa neza na neza ivyo umuvugishwa yavuze ko Yokoze." Aca atangura kurira azunguruka. Nca mvuga nti: "Ni kubera Ivyo, John Rhyn yahumutse." Murabona?

Na we ati: "Ntibikabe ko Imana Yogira umwana!"

139 Nca mvuga nti: "Yehova Ahambaye Yateye igitutu umugore, nk'uko umuvugishwa yavuze ko Yobikoze, maze Arema Akaremangingo k'Amaraso. Kandi biciye muri ako Karemangingo k'Amaraso ni ho hazananye umubiri wa Kristo.

140 "Nurabe, mw'Isezerano rya Kera, Rabbi," mvuga nti: "igihe umuntu yaba agiye gutanga ikimazi, yafata umwagazi w'intama. Yaba azi ko yarenze ku vyagezwe vy'Imana, kubw'ivyo rero agaca afata umwagazi w'intama. Yaratura ivyaha vyiwe, maze uwo mwagazi w'intama ukicwa. Mu gihe a . . . amaboko yiwe ari kur'uwo mwagazi w'intama; ukwatura kwiwe ko yari azi ko yari akwiye gupfa kubera icaha ciwe, ariko ko uwo mwagazi w'intama waba wamugiriye mu gishingo. Kandi akaremangingo k'amaraso karajanjagurwa; nawe agafatisha uwo mwagazi w'intama muto ikiganza ciwe gushika yumvise ubugingo bwawo buwuvuyemwo, ugacikana. Maze umuherezi, ata nkeka, agaca aterera amaraso ku—ku muriro, ca gicaniro c'urubanza c'umuringa."

141 Nca mvuga nti: "Uwo muntu, rero, yasohoka aho, azi yuko umwagazi w'intama wamugiriye mu gishingo, ariko yasohoka afise ca cipfuzo nyene yari afise igihe yinjira, murabona,

kuko bitashobora gukuraho icaha. Murabona? Ariko, rero, ubu naho, 'Uwusenga amaze guhumanurwa, ntaba akigira umutima urimwo ijwi rimwagiriza icaha.' Aho, hari ishikanwa ryatangwa buri mwaka. Ariko," nca mvuga nti: "ubu rero hariho iki gihe, 'uwusenga amaze guhumanurwa, ntaba akigira umutima urimwo ijwi rimwagiriza icaha.' Kuko . . .

142 "Raba, Rabbi. Mu karemangingo k'amaraso, ubwo buzima buto butangurira mu karemangingo, ako nako kakaba kava mu gitsina c'umugabo, kaja mu mugore. Umugore nawe atanga irigi; ariko, inkokokazi irashoboye guta irigi, ariko mu gihe itigeze ihura n'isake, ntizokwigera iberura."

143 Nca mvuga nti: "Rero Imana, Imwe Ihambaye Yari Yuzuye ibihe vyose na hose, Yaramanutse gushika ku kabuto kamwe gatoyi mu nda y'umugore." Nca mvuga nti: "Iyo dukijijwe uyu munsi . . . Yesu ntiYari Umuyuda cank'Umunyamahanga, kuko irigi ryavuyemwo umubiri gusa. Arya Maraso ni yo yari afise Ubugingo. Rero tu—turi . . . Bibiliya Ivuga ko, 'Twakijijwe n'Amaraso y'Imana.' Murabona, ntiYari Umuyuda canke Umunyamahanga; Yari Imana. Nuko rero, iyo tuje ku gicaniro tugashira ibiganza vyacu, mu kwizera, ku mutwe wiWe, tukwumva kwa gutabagurwa n'umubabaro hariya Kaluvariyo, tukatura ivyaha vyacu, ko turi mu makosa, kandi Yapfuye mu gishingo cacu!

144 "Rero, urabona," nca mvuga nti: "amaraso y'uwo mwagazi w'intama ntiyashobora kugaruka kuri uyu, amaraso ya . . . Akaremangingo karajajangurwa, maze ubuzima buvuyemwo, mu kujajangura aka karemangingo k'amaraso y'umwagazi w'intama, ntibwashobora kugaruka ku wusenga, kuko bwari ubugingo bw'igikoko, ntibwari guhura n'ubugingo bw'umuntu.

145 "Ariko ubu hoho, igihe ako Karemangingo k'Amaraso kajanjagurwa, ntiyari umuntu gusa. Ubwo bwari Ubugingo bw'Imana, bwavuyemwo. Kandi iyo uwusenga arambitse ibiganza vyiwe, mu kwizera, ku Mwana w'Imana, akatura ivyaha vyiwe, si ubugingo bw'uwundi muntu, ariko ni Ubugingo bw'Imana bugaruka muri uyu muntu, ari bwo Bugingo Budashira. Ijambo *Zoe*, risobanurwa ngo: 'Ubugingo bw'Imana Ubwayo.' Kandi Yavuze ko Yoduhaye Zoe, Ubugingo Budashira, none ubu turi abahungu n'abakobwa b'Imana. Ni ivyo."

146 Nca mvuga nti, "None ni ibiki? Ni Imana, Yicisha bugufi. Yaraje, ubwa mbere; 'nta muntu yari gushobora kuYikorako,' kuko umuntu yari yacumuye. Hanyuma Iramanuka Iri mu mubiri, 'kugira ngo Ihonje icaha . . . Ifate icaha.' Murabona, Yo, ikintu conyene Imana Yashobora gukora, kugira ngo Ibe Igororotse, kwari ukubikora uko."

147 Nk'akarorero, vyogenda gute iyoba mfise ububasha bwo gucira imanza aba bantu muri iki gitondo, nk'ubwo Imana

Yari Ifise ku bwoko muntu, hanyuma nkavuga nti: “Umuntu wa mbere araba kirya giti gishinze, arapfa,” hanyuma Tommy Hicks akakiraba? Rero, nk’akarorero, mfate Carl-. . . “Mwene Data Carlson, mupfire.” Ivyo ntivyoba ari ibigororotse. Novuga nti: “Leo, uri umunyamabanga wanje; wewe numupfire.” Ivyo ntivyoba bigororotse. “Billy Paul, mwana wanje, numupfire wewe.” Ivyo nta butungane burimwo. Uburyo bwonyene noshobora kuba ntarenganije, ni ugufata ikibanza ciwe jewe ubwanje.

148 Kandi ivyo ni vyo Imana Yakoze. Imana Yo, ni Mpwemu. Kandi Yaremye. . . Yo, Yahinduye igikorwa. Vyotegerejwe kuba ari ibikora ku bantu, kwiyumvira kuri Yehova Mutoya. Yari gushobora kuza, ari umuntu akuze, ariko Yaje mu bwato bwuhira, hejuru y’ikirundo c’umwavu. Yehova Mutoya, Arira nk’umwana. Yehova Mutoya, Akina nk’umwana w’umuhungu. Yehova Mutoya, umubaji, nk’umukozi. Yehova Mutoya, mu myaka y’ubuyabaga. Yehova, Amanitse hagati y’ijuru n’isi, n’inkonda z’imborerwa n’amate y’abasoda mu maso hiWe. Yehova, Ariko Arapfira abana biWe. Yehova, Ariko Arapfa, ngo Acungure; atari uwundi muntu, ariko Imana ubwaYo! Murabona, Imana, ico cari igikorwa caYo. Kuki? Iriko Igerageza gusubira mu mutima w’umuntu.

149 Rero, ntitwashobora kuYikorako, *Hariya. Aha*, twaraYikorakoye n’ibiganza vyacu. None Yakoze iki, biciye mw’ishikanwa ry’uwo mubiri? Yahindutse Yehova *muri* twebwe. Turi ibice vyiWe. Ku munsi wa Pentekote, Inkingi y’Umuriro Yarigabanganije, indimi z’Umuriro zica ziza kuri umwumwe, vyerekana yuko Imana Yariko Irigabanganya mw’Ishengero ryaYo.

150 None, bene Data, hamwe twoshobora gusa gukoranira hamwe, maze Iki tukagihuriza hamwe! Aho duca turonka Yehova mu kunengesera, iyo dukoraniye hamwe. Ariko twobishobora gute, mu gihe *uwu* ariko aravuga mu ndimi kandi afise umubatizo, *uwu* nawe; hanyuma umwe akagumana *uru* rubeya rw’Umuriro ng’aha, n’*uru*? Reka tuBishire hamwe.

151 Igihe Imana, ku munsi wa Pentekoti, Yamanuka, Bibiliya ivuga iti, “Indimi z’Umuriro zija kuri umwumwe wese muri bo.” hanyuma ba. . . “Indimi, zimeze nk’Umuriro,” imbeya. Yari Ya Nkingi y’Umuriro Yigabuye hanyuma Irigabanganya, mu bantu, kugira ngo tube abavukanyi. “Uwo munsi muzomenya ko Ndi muri Data, Data na We Ari muri Jewe; Jewe Ndi muri Jewe, namwe muri Jewe.” Kandi, turi, turi umwe. Turi umwe, ntidutandukanye.

152 Rero, Yehova Imana, hariya mw’*Ijuru*, ntiYashobora gukora ku bwoko muntu, kubw’ icagezwe ciWe Bwite c’ubweranda; Yehova Imana Yahindutse icaha ku bwacu, kandi Yarishe ikiguzi; kugira ngo uwo Yehova Imana nyene Ashobore kuza Abe *muri*

twebwe. Imana *hejuru* yacu; Imana *hamwe* natwe; Imana *muri* twebwe. Si Imana zitatu; Imana Imwe! Abigisha baracika abasazi, mu kugerageza kuBitahura. Ni—ni impishuro. Bisaba yuko ubihishurirwa.

153 Rero, ubu, iyo hageze ku mubatizo, abantu benshi . . . Rero, ivyo mutegerezwa kubikora, bene Data. Canke, ni nk'uko nabwiye Mwene Data Scism na Mwene Data Ness, ko iyo u . . . I—ibihari vyaciye bitangura. Uwo ari we wese, benshi muri mwebwe mwaminuje muransumvya cane; ariko narize cane kuri ico kintu. Kandi narasomye *Ba Data b'Imbere ya Nikeya*, ya *Nama Nkuru y'i Nikeya*, n'abahinga ba kahise bose, n'ibindi.

154 Ico kibazo caraje muri ya Nama Nkuru y'i Nikeya. Impande zompi ntizumvikanye; igihe ishengero Gatolika ryafata uruhande rukaze rw'ubutatu, urundi na rwo rukaja mu banyabumwe, impande zompi zaciye zisohoka. Nivyo neza nyene, kuko abantu bari bafise ico babikoramwo.

155 Utegerezwa kureka Imana Ikabikora, ntibikenewe ko tugerageza kubitahura. Reka tube abavukanyi. Reka tubandanye gusa tureke Imana Ikore ico Igiye gukora. Namba Idafise itanguriro n'iherezo kandi Izi vyose, Ikaba Yavuze imbere y'igihe iherezo kuva kw'itanguriro, ni gute hari na kimwe twobikorako? Bandanya muja imbere gusa. Ni yo nzira. Bandanya urugendo, nk'uko navuze ejo ku mugoroba, hamwe na Yosuwa wacu Ahambaye.

156 Ubu raba, nimba hariho Imana zitatu . . . Nshaka gusa kubereka ingene ivyo ari ibintu biteye isoni. Namba hari Imana zitatu, rero Yesu Yari Se- . . . wiWe UbwiWe, Yesu ntiYashobora kuba Se WiWe ubwiWe, mu gihe Bari Umwe. Kandi, nimba hari zitatu, yoba Atavutse ku nkumi. None ni bangahe . . . ? Ngira mvuge ko *iyi* ari Imana Data; *iyi* na yo ari Imana Mwana; *iyi* na yo Imana Mpwemu Yera.

157 Rero, kuri mwebwe bene Data batandukanye hano, mwitegereze ibi umunota umwe gusa murabe ico ndiko ngerageza kwerekezako. Ndasenga ngo Imana Ibareke mubibone. Ubu rero, nimurabe, mwempi mwizera ikintu kimwe, ariko umurwanizi yaciye yinjira hagati yanyu, arabatandukanya ku bijanye n'ico kintu. Ni neza na neza ikintu kimwe, kandi ndabibemeza, mfashijwe n'Imana, na Bibiliya y'Imana. Namba atari Bibiliya, aho rero ntimuvyakire. Ni vyo.

158 Ariko ubu nimurabe. *Iyi* ni (iki?) Imana Data; *iyi* ni Imana Umwana; *iyi* ni Imana Mpwemu Yera. Rero, ubu, reka duhagarare akanya gatoya gusa, aba batatu tubashire hano; Imana Data, Umwana, na Mpwemu Yera.

159 Oo, si—sinja kuronka umwanya wo gukora ibi. Nda . . . [Bene Data bavuze bati: "Bandanya! Bandanya!"—Umw.] Ariko, murabona, rero, ndaja kunyarutsa uko nshoboye. Mumbabarire,

bene Data, ariko si—si—sinari bwigere ndonka akaryo ko kuvugana namwe, kandi na—nashaka kubikora.

160 Hanyuma rero, nimurabe; Imana Data, Umwana, Mpwemu Yera. None, Ni nde Yari Se wa Yesu Kristo? Imana ni Yo Yari Se wa Yesu Kristo. Ivyo twese turavyizera. Ni vyo? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen."—Umw.] Ni vyiza.

161 Rero, dufashe Matayo 28:19, igihe Yesu Yavuga Ati: "Nuko nimugende, mwigishe amahanga yose, mubabatiza mw'Izina rya Data wa twese, Umwana, Mpwemu Yera," inyuma y'iminsi icumi, Petero yavuze ati: "Nimwihane, mubatizwe mw'Izina ry'Umwami Yesu Kristo." Hariho ukuvuguruzanya kweruye ahantu kanaka. None, reka ntitugire . . . hariho . . .

162 Abantu bose barashinze intahe, n'ibindi. Ehe ng'ibi. Ng'ibi ivyizerwa vyanje, kandi ndiko ndabigaragaza imbere yanyu, bene Data. Ibi sindabivugira hiyo hanze inyuma y'ibicaniro; bibavako. Ariko nshaka kubereka ivyo mbona kuri izo mpande zompi, kugira Mpwemu Yera Abibahishurire, murabona.

163 Ubu rero, Matayo 28:19, namba—namba Matayo 28:19 havuguruza Ivyakozwe n'Intumwa 2:38, aho rero hoba hariho ukwivuguruza muri Bibiliya, kandi ntiyoba inafise n'agaciro kangana nak'urupapuro Yanditsweko.

164 Rero namba mwokwihweza muri Matayo igice ca 16, Yesu Yahaye Petero impishuro, kandi Yamuhaye n'imfunguruzo.

165 Rero, mwibuke, Bibiliya ntihishurwa na teworojiya y'umugambi kanaka w'abantu. Si vyo. Ni uguhishurirwa.

166 Kwari uguhishurirwa, kuva mu ntango. Ni kuki Abeli yahaye Imana ikimazi ciza kurusha ica Kayini? "Yarabihishuriwe," ko atari ivyamwa vy'amapeshe, n'amapome, n'imicungwe, n'amapome. Nimba amapome atuma abagore bamenya ko bari gusa, vyoba vyiza twongeye kubaha amapome, mwene Data. Mweho siko muvyiyumvira? Rero, ivyo, ivyo bisa nk'ukurogota, yamara si uko nashaka kuvuga. Ariko, ntiyari amapome. Oya, mushingatahe. Ubu, kandi namba ari uko biri, rero, "Abeli yarabihishuriwe," ko yari amaraso ya se. Kubw'ivyo yatanze amaraso, kuko yari impishuro. Vyose vyubakiye kuri ivyo.

167 None rero nimurabe, ng'uyu umurovyi w'umutama ataco azi, mbere ata n'amashure ahagije . . . Bibiliya ivuga ko ata bumenyi yari afise kandi atari yarize. Ariko yari ahagaze aho, Yesu Aca Abaza ikibazo Ati: "Mbega Umwana w'umuntu mugira ngo Ndi nde?"

168 Umwe yavuze ati: "Emwe, Uri—Uri Mose -. . . " Nako, "Ba—bavuga ngo: 'Uri Mose.'"

"Bavuga ko Ndi nde?"

Umwe yavuze ati: "Emwe, Uri Yeremiya canke abavugishwa, n'*iki*, *kirya*, canke *ikindi*."

169 Yavuze Ati: “Ico si co kibazo. Nabajije *mwebwe*. Muvuga ko Ndi nde?”

170 Petero aca arahagarara, avuga ati: “Uri Umwana w’Imana.”

171 Aca Avuga Ati, “Uri umuhirwe Simoni, mwene Yona.” Ubu rero nimwitegereze. “Nta w’inyama n’amaraso yabiguhishuriye, ariko ni Data Wo mw’Ijuru.” Murabona?

172 Rero ubu mwitegereze, rero, ishengero Gatolika rivuga yuko Yubatse Ishengero kuri Petero. Ivyo si vyo.

173 Ishengero ry’Abaporoti rivuga riti: “YaRyubatse kuri We ubwiWe.” Ariko mwitegereze hanyuma mumenye, murabe namba ari vyo.

174 YaRyubatse ku mpishuro ya mpwemu y’Uwo Yari Ari, murabona, kuko Yavuze Ati: “Uri umuhirwe Simoni, mwene Yona. Nta w’inyama n’amaraso yabiguhishuriye. Ndakubwiye yuko uri Simoni; kuri urwo rutare” (uruhe rutare? uguhishurirwa) “Nzorwubakako Ishengero ryaNje, kandi amarembo y’i kuzimu ntazoRishobora.”

175 Rero, igihe Petero yari ahagaze, ari ng’aho igihe Matayo 28 yavugwa, yarahindukiye maze, inyuma y’iminsi cumi, hamwe n’iyo mpishuro, abatiza mw’Izina “ry’ Umwami Yesu Kristo.” Kubera iki yabikoze? Yari afise impishuro y’Imana; kandi yari afise imfunguruzo z’Ubwami, mwene Data.

176 Rero noshobora kubababaza akanya gatoya, uruhande rumwe muri mwebwe, ariko muhagarike akanya gatoya gusa. Nta hantu na hamwe muri Bibiliya hari umuntu n’umwe yigeze abatizwa mw’Izina rya “Data, Umwana, Mpwemu Yera.” Nta hantu na hamwe mu Vyanditswe. Kandi nimba hariho, muherekane. Namba mushobora kuronka ahantu na hamwe muri kahise keranda, gushika aho ishengero Gatolika ryashingwa, ndashaka ko muhazana. Nta na hamwe hahari, rero, kandi ukwo ni ukuri.

Ariko rero rindira akanya gato, mwebwe Abanyabumwe, isegonda imwe.

177 Rero, nta hantu hariho aho. . . Namba hari umuntu n’umwe yoshobora kunyereka igice kimwe c’Ivyanditswe aho ivyo birori vyakoreshejwe muri Bibiliya, vya “Data, Umwana, Mpwemu Yera,” usabwe kuza kumbwira aho hari umuntu yabatijwe gutyo.

178 Bamwe muri bo bavuga bati: “Emwe, nzofata ivyo Yesu Yavuze, atari ivyo Petero yavuze.” Nimba barahushanije, umwe n’uwundi, tuzokora iki? Nimba yose atari Imana, ni igice ikihe ca Bibiliya ari co?

179 Vyose bitegerezwa guhuza bigafatana, kandi ni impishuro y’Imana gusa. Amashure yacu ntazokwigera avyigisha. Ni impishuro, bisaba kuYibona.

180 None, nimba abo bagabo babiri barahushanije, umwe n'uwundi, none turiko dusoma Bibiliya bwoko ki? Nomenya gute ko Yohana 14 ari ukuri, canke atari kwo? Nomenya gute ko Yohana 3 ari ukuri, canke atari kwo? Gute, gute, gute nobimenya? Murabona?

181 Ariko uburyo bwonyene nshobora kwizera Imana, ni ukumenya yuko iyo Bibiliya ari ukuri, nkizera ko Ari ukuri, nkaguma kuri Yo. Naho ntaYitahura, ndaYishira mu gikorwa, uko biri kwose.

182 Ariko iyo ivyo bihushane vyadutse, nca nja imbere y'Imana, kugira ngo ndabimenye. Kandi wa Mumarayika nyene duhurira mu gikorane, mw'ijoro, ni We nyene Yanyigishije Ibi. Murabona? Rero murabe nimba ivyo ari, uko ivyo bimeze ubu.

183 Matayo 28:19, reka tubirabe akanya gatoya ubu. Ngiye gufata Ivyakozwe n'Intumwa 2:38 aha nyene, aho Petero yavuze ati, "Umwami Yesu Kristo." Kandi Matayo yavuze ati, "Data, Umwana, Mpwemu Yera."

184 Rero nimwumvirize. Yavuze ati: "Mubabatize. . ." Atari "mw'izina rya Data, mw'izina ry'Umwana, mw'izina rya Mpwemu Yera." NtiYigeze avuga ivyo. Nta "zina . . . mw'izina . . . mw'izina." bihari.

185 NtiYigeze Avuga Ati: "Mubabatize mu *mazina* ya Data, Umwana, na Mpwemu Yera," kuko nta n'insiguro bifise.

186 Yavuze Ati: "Mubabatize mw'Izina (I-z-i-n-a) rya Data, Umwana na Mpwemu Yera." Ivyo si vyo? " . . . rya Data, Umwana, na Mpwemu Yera," sahwanya, "na, na, na".

187 Si, *amazina*. Si, "mw'izina rya Data, izina ry'Umwana, izina rya Mpwemu Yera." Si, "mu *mazina* ya Data, Umwana, na Mpwemu Yera". Ariko, "mw'Izina," I-z-i-n-a, mu rudende, "rya Data, Umwana, na Mpwemu Yera." None, muri ayo ni irihe zina nyaryo ryo kubatizwamwo? Ni Izina rimwe. Ni irihe? Ni "Data" ni ryo zina ry'ukuri, canke "Umwana" ni ryo zina ry'ukuri, canke "Mpwemu Yera" ni ryo zina ry'ukuri?

188 Ni "Izina," ahantu hanaka. Ivyo ni vyo? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen."—Umw.] Rero, ubu nshaka kubabaza ikintu kimwe, rero. Namba "Izina," rero, namba Yesu Yavuze Ati: "Mubabatize mw'Izina Rya Data, Umwana, na Mpwemu. . ." Ni bangahe bizera ko Yesu Yabivuze? ["Amen."] Ivyo ni Ivyanditswe. Ni Matayo 28:19, "Mw'Izina rya Data, Umwana . . . "

189 [Mwene Data Branham abonye ikintu kimusamaza—Umw.] Ni ikintu du. . .Oya, ni, nari niyumviriye. . .Ni vyiza cane, mushingantahe. [Mwene Data umwe avuze ati: "Mumbabarire, Mwene Data Branham?"] Ego. ["Nashaka guhindura iyi bande, kandi sinshaka ko binsiga."] Ni vyiza. [Ahantu ata kiriko kuri bande.] . . .? . . .

190 Rero, “mw’Izina rya Data, Umwana, na Mpwemu Yera.” Umviriza ubu, bene Data. Nta kintu nk’ico kiriho ngo izina rya “Data,” kuko *Data* atari izina. Ni izina ry’icubahiro. Nta kintu kiriho nk’izina ry’ “Umwana,” kuko *Umwana* ni izina ry’icubahiro. Nta kintu kiriho nk’izina rya “Mpwemu Yera.” Ico ni co Ari.

191 Nariko ndabivuga mu kanya ko gufata akavunamusase k’abakozi b’Imana igitondo kimwe, hanyuma umugore umwe . . . Binyuranye n’urutonde, birumvikana, umuntu wese yarashobora guciramwo ico ari co cose, gutyo. Yavuze ati, “Rindira akanya gatoya! Mbabarira!” Aca avuga ati: “Mpwemu Yera ni izina.”

192 Nca mvuga nti: “Ni ico Ari. Ndi umuntu, ariko izina ryanje si ‘Umuntu.’”

193 Ni Mpwemu Yera. Ivyo si izina. Ni ico Ari. Ni izina, ata nkeka, ariko si . . . Ni—ni . . . Si izina.

194 Rero, namba Yavuze Ati: “Mubabatize mw’Izina Rya Data, n’iry’Umwana, n’irya Mpwemu Yera,” kandi yaba Data, Umwana, canke Mpwemu Yera atari izina, none Izina ni irihe? Dushaka kubimenya.

195 Rero, vyose turashobora kubironka ahantu hamwe hano, nimba mwobiraba gusa mu—mu—mugakoresha akanya gatoyi ubu, canke mugacungura umwanya mutoyi, ni co nashaka kuvuga. Ubu rero nimurabe Matayo 28:19. Rero, simvuga ko . . .

196 Murashobora, mwoba mwarabikoze, bamwe muri mwebwe bashikibacu canke bene Data. Mushobora kuba mwaratoye igitabu, umunsi umwe, mukaraba mu mpera haco, havuga hati: “Yohana na Mariya babayeho banezerewe igihe cose.” None, Yohana na Mariya ni bande? Ni iki . . . Yohana na Mariya babayeho neza igihe cose ni bande? Hari uburyo bumwe bwonyene kuri mwebwe bwo kumenya Yohana na Mariya abo ari bo; ivyo, nimba ari ubupfindo kuri wewe, subira inyuma usome igitabu. Si vyo? Subira ku ntango ugisome cose, kizokubwira Yohana na Mariya abo ari bo.

197 Rero, namba Yesu Yavuze, Yesu Kristo Umwana w’Imana, Yavuze Ati: “Nuko nimugende, muhindure amahanga yose abigishwa, mubabatize mw’Izina rya Data wa twese, Umwana, na Mpwemu Yera,” kandi yaba *Data, Umwana*, canke *Mpwemu Yera* nta na rimwe ari izina, rero, namba ari ubupfindo, vyoba vyiza dusubiye mu ntango y’Igitabu.

198 Ubu rero reka tuzingururure mu gice ca 1 ca Matayo, kandi turatanguririra ng’aho, aho atanga amamuko, gushika ku murongo wa 18.

199 Ubu raba, ubu raba umunota umwe gusa. *Uyu* ni Data, ku ruhande rwanje rw’iburyo; *uyu* ni Umwana hagati; *uyu* nawe ni Mpwemu Yera. Rero, *uyu* ni Se wa Yesu Kristo. Mbega ivyo ni

vyo? Imana ni Se wa Yesu Kristo. Twese turavyizera? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen."—Umw.] Ni vyiza.

200 Ubu rero Matayo 1:18 yavuze ati:

> *Ukuvuka kwa Yesu Kristo kwabaye gutya: Igihe . . . Mariya nyina wiwe yari akowe na Yosefu, atara . . . ataramurongora, bamubona afise inda yavuye kuri . . .* [Ikoraniro riti, "*Mpwemu Yera.*"—Umw.]

201 Nagira ngo *Imana* ni Yo Yari Se WiWe.

> *Azovyara umwana w'umuhungu, . . .* ba*zomwite YESU, . . .*

> Kandi *umugabo wiwe Yosefu, kuko ari umugororotsi, . . . atagomvye kumutetereza,* ariko *yiyumvira kumubengera mu mpisho.*

> Nuko, *akivyiyumvira, umumarayika w'Umwami Imana amwiyerekera mu ndoto, aramubarira ati: Yosefu, mwana wa Dawidi, ntutinye kurongora Mariya umugeni wawe, kuko atwaye inda ya . . .* [Ikoraniro riti, "*Mpwemu Yera.*"—Umw.]

202 Nagira ngo Imana ni Yo Yari Se WiWe. None, Afise ba se babiri ga bene Data? ["Oya."] Ntiyobishobora. Abaye Abafise, Yobaye Ari umwana w'ikivyarwa, none aho twobaye dufise idini bwoko ki? Mutegerezwa kwemera yuko Imana Data na Mpwemu Yera ari Mpwemu Umwe nyene. Ata nkeka, Ni vyo. Ata nkeka, ni Mpwemu Umwe nyene. Rero, twahejeje, turabibona.

> *Azovyara umwana w'umuhungu, na* bo *bazomwite YESU, kuko ari we azokiza abantu biwe* ivyaha vyabo.

> *. . . vyose vyabaye bityo, ngo ivyo bishike . . .*

203 Ndiko nsubiramwo Ivyanditswe. Mwebwe bakozi b'Imana murabizi, uko mbandanya.

> *. . . ngo ivyo bishike . . .* uko vyavuzwe n'umuvugishwa, avugishijwe n'Umwami, *ngo:*

> *. . . inkumi* izosama inda, *. . . ivyare* umwana, *Bazomwita Imanuweli, iryo* mu nsobanuro ari, . . . [Ikoraniro riti: "*Imana Iri kumwe natwe.*"—Umw.]

204 "Imana Iri kumwe natwe!" Si vyo?

205 None Izina rya Data, Umwana, na Mpwemu Yera ni irihe? [Mwene Data umwe avuze ati: "Yesu Kristo."—Umw.] Ego, ata nkeka. Ico ni co gituma Petero yabatiza mw'Izina rya "Yesu Kristo."

206 Ariko, ntaco bintwaye, namba wabatijwe mw'izina ry'ishurwe ry'Iroza ry'i Sharoni, Ikirungu co mu Kiyaya, Ikinyenyeri co mu Gaturuturu, ivyo ni ivyubahiro, navyo. Nimba umutima wawe ugororokeye Imana, Irazi umutima wawe.

207 Ariko ubu, ubu, ivyo nabiseruye. Rero, navuze. . .Rero Mwene Data Scism yavuze ati: “Ego!” Nkako, ata nkeka, ivyo vyasa n’ivy’Abanyabumwe, rero yaciye abishigikira.

208 Rero navuze nti: “Rero ng’aha nshaka ubu kubabwira ikintu kimwe.” Murabona? Nca mvuga nti: “Ubu ndashaka kubereka neza ko aba bagabo, bompi, bavuze ikintu kimwe.”

209 Rero, Matayo yavuze ati: “Mw’Izina rya Data.” Si vyo? [Ikoraniro riti: “Amen.”—Umw.] Ni vyiza. Petero na we yavuze ati: “Mw’Izina ry’Umwami.” Matayo 28:19 havuga hati: “Mw’Izina rya Data,” mu Vyakozwe n’Intumwa 2:38 na ho havuga hati, “Mw’Izina ry’Umwami.” Dawidi yavuze ati: “UHORAHO Yabariye Umwami Wanje.” Yari Nde? Data n’Umwami ni Izina rimwe. Dawidi yavuze ati: “UHORAHO Yabariye Umwami Wanje ati: ‘Icara i buryo bwaNje.’” Murabona, “Mw’Izina rya Data; mw’Izina ry’Umwami.”

210 Matayo na we yavuze ati: “Mw’Izina ry’Umwana,” Petero na we yavuze ati: “Mw’Izina rya Yesu.” Umwana ni Nde? Yesu.

211 “Mw’Izina rya Mpwemu Yera,” yari Matayo; Petero na we avuze ati, “Mw’Izina rya Kristo,” Logos.

212 *Data, Umwana, Mpwemu Yera*, “Umwami Yesu Kristo.” Erega, biratunganye uko bishoboka. Murabona?

213 Mwene Data Scism yambariye, nako, Mwene Data Scism, uwo mwene Data wo mu Banyabumwe, yavuze ati: “MweneData Branham, ivyo ni vyo, ariko,” ati: “ivyo ni *iki*.”

214 Nca mvuga nti, “Rero, iki ni *kirya*.” Ivyo ni vyo. Murabona? Nca mvuga nti “Namba ico ari *iki*, iki ni *kirya*. None muriko muharirira iki?”

215 Nca mvuga nti, “Reka ndabagire inama, bene Data. Bishitse nkabatiza umuntu, ng’uku uko. . . ”

216 Mvuga nti: “Rero, ng’uyu Dogiteri Ness.” Na wewe. . . umuntu umwe yavuze, mu kanya gaheze, mwebwe bene Data, ko mwamenye Dogiteri Ness.

217 Rero, ngira mvuge, ng’aha, Mwene Data Hicks hano, arafise. . .Nibaza ko ufise urupapuro rw’umutsindo rwa Dogiteri. Ni vyo? Ni vyiza.

218 Nca mvuga nti, “Nimba Dogiteri Ness, yicaye hano. . . ” Nca mvuga nti, “Iyo nshaka. . . ” Rero, iyo njanye umuntu mu mazi, ngo ndamubatize, Ndavyemera nk’uko na we yavyemeye, navuze nti: “Ivyo vyari ivyubahiro vy’Izina ryiWe.”

219 Nca mvuga nti, “Bene Data bo mu Makoraniro barakoresha amazina y’ivyubahiro, mwene Data wo mu Banyabumwe na we akoresha Izina.” Nca mvuga nti: “Ubu ngomba ndabereke ko mwempi mwihenda, nanje ndi mu kuri.” Murazi ingene mutegerezwa. . .iyo abantu imitsi yaranze nk’uko, bisaba ko ugira imforo yo gutwenza gatoyi rimwe na rimwe, kugira ngo

ushwashwanure abantu gatoyi. Kubw'ivyo rero naciye mvuga nti: "Ngiye kubereka yuko mwempi mwihenda, nanje ndi mu kuri."

220 Nca mvuga nti: "Vyogenda gute hamwe noba nshatse guha icubahiro Mwene Data Ness, nkavuga . . . "

221 Canke, canke Mwene Data Hicks hano, murabona. Nkavuga nti: "Hicks!" None, mbega ivyo vyokumvikana neza? Oya. None, mvuze naho nti: "Dogiteri! Yewe, Dogite! Ivyo na vyo gute?" Rero, ivyo bisa n'ukutubaha, si ko?

222 "Igihe," mvuga nti: "ukwo ni ko mwebwe abo mu Makoraniro mukora, murabona. Iyo mwebwe bene Data bo mu Makoraniro muvuga muti: 'Mw'izina rya Data, n'iry'Umwana, rya Mpwemu Yera,' muba muvuze gusa muti: 'mw'izina rya revera, dogiteri.'"

223 Nca mvuga nti: "Rero, mwebwe bene Data b'Abanyabumwe, iyo mubatiza, muvuga muti: 'Yesu!'" Ntibakoresha . . .

224 Bo, aba Yesu Wenyene, bakoresha gusa izina rya "Yesu." Hariho ba Yesu benshi cane. Ariko, Ni Umwami Yesu Kristo, murabona. Hariho benshi . . . kubatiza mw'izina rya "Yesu," ata gukeka sinemeranya na vyo; nta Canditswe kiriho. Ni mufate ic'inkomoko, murabe ko atari "Umwami Yesu Kristo." Ata nkeka, We ni Umwami Yesu Kristo. Hariho ba Yesu benshi, ata nkeka. Kandi *Kristo* ni "Uwasizwe."

225 Nca mvuga nti: " Ubu, iyo nza kuba ngiye kubwira Mwene Data Ness ivyo nyene. Novuga nti, vyoba bibereye ko mvuga nti: 'Yewe, Ness!'?" Mvuga nti: "Ukwo ni ko mwebwe Abanyabumwe mwobivuga. Murabona? None ivyo ntivyoba ari ukutubaha kudaha agaciro uwo mugabo yize, kandi afise Indangabumenyi ya Dogiteri? Nimba yarize cane kugira abironke, yari akwiye guhabwa iryo zina ry'icubahiro."

226 Nca ndavuga nti: "Hanyuma hamwe novuga nti: 'Yewe, Dogite!'" Mvuga nti: "None ivyo ntivyoba bimeze nk'ukwerura, umukozi w'Imana avugisha uwundi uko?" Canke, mvuga nti: "Uko ni ko nyene mubikora, ku ruhande rw'izina ry'icubahiro gusa."

227 Ariko navuze nti: "Iyo njanye umuntu ku mazi, Ndegera hariya nkamubaza, nkavugana na we, nkamenya izina ryiwe canke uwo ari we, n'ukwizera kwiwe.

228 "Maze ngasenga, mvuga nti: 'Rero, Data, nk'uko Wadutumye "kuja mu bihugu vyose no guhindura amahanga yose abigishwa, . . ."'" Mwebwe bene Data murazi yuko ico ari co c'inkomoko, murabona. "'" . . . muhindure amahanga yose abigishwa, mubabatiza mw'Izina rya Data, n'iry'Umwana, n'irya Mpwemu Yera; tubigishe kwitondera ivyo vyose Wa . . . ivyo Watwigishije vyose."'"

229 "Kubw'ivyo rero navuze nti, 'Mfatiye ku kwatura k'ukwizera kwawe; ku kwatura ivyaha vyawe, n'ukwizera Umwana w'Imana, Ndakubatije, mwene Data mukundwa, mw'Izina ry'Umwami Yesu Kristo.'"

230 Nca mvuga nti, "Uko ni ko mbatiza. Ndemera vyompi amazina yiWe y'icubahiro, ico Yari, vyompi Data, Umwana, na Mpwemu Yera. Kandi igituma Yesu Yavuze ivyo, yari . . . "

231 Ehe raba. Nimba—nimba atari uko biri, mwoba mufise ibihushane mu Vyanditswe; mufise ibihushane. None muzokora iki igihe . . . Vyogenda gute hamwe uyu muvukanyi w'Umubuda yohaguruka akavuga ngo: "*Ibi* ni gute?" Mbega bavuze iki igihe bambwira . . .

232 Hariya, igihe wa muvukanyi w'Umuhindi yahinyuza Morris Reidhead, akamubwira, ati: "Mariko 16 ubivugako iki?" Yaciye ahesha kuri ivyo.

233 Ntutegerezwa guhesha ku kintu na kimwe. Iryo ni Ijambo ry'Imana. Guma kuri Ryo. Senga gusa. Uronke impishuro. Vyose birahuza.

234 Murabona, bompi bariko bavuga ikintu kimwe, rero; si amazina y'ivyubahiro; si mu buryo burashe. Nca mvuga nti, "Ubu . . . "

235 NaraMumenye. Yari Data; atari iyindi Mana. Yari Umwana; atari iyindi Mana. Ya Mana nyene! Wewe . . . Ni ibikorwa bitatu. Imana mu bugabuzi bw'Ubudata, nimba ushaka kuvyita uko, bw'Ubudata; bw'Umwana; kandi ni ya Mana nyene muri twebwe ubu, "Jewe Nzoba ndi kumwe namwe." Iyo "Jewe," insigarirazina muvurwa, "Jewe Nzoba ndi kumwe namwe." Rero, murabona, ni ibikorwa bitatu, si Imana zitatu.

None, mwene Data, nimba abigishwa batigeze babikoresha, no kubandanya . . .

236 Ntaco mvuga ngo mbirwanye. Ivyo vyose ni vyiza. Ariko ndababwiye, hamwe umuntu yoza ngaha, akaba yabatijwe mw'izina ry' ishurwe ry'"Iroza ry'i Sharoni, Ikirungu co mu Kiyaya, n'Ikinyenyeri co mu Gaturuturu," akaba yizera Yesu Kristo nk'Umukiza Wiwe, novuga nti: "Imana Iguhezagire, mwene Data! Ingo, reka tugende!" Murabona? Ni vyo. Kuko, iyo umutima wawe utagororortse, ntuba ugororotse, uko biri kwose. Ni vyo neza. Umutima wawe—wawe utegerezwa kuba ugororotse.

237 Nca mvuga nti: "Ehe nimurabe. Ubu, hamwe noba ngiye kuramutsa Mwene Data Ness hano, novuga nti: 'Revera Dogiteri Ness.' Ni ivyo nyene. Ni umukozi w'Imana. Akwiye gufatwa nk'umwubahwa. Yarize, kandi amashure menshi. Arafise Indangabumenyi ya Dogiteri, rero akwiye kwitwa 'dogiteri.' Iryo ni izina ryiwe ry'icubahiro, murabona. Ariko izina ryiwe ni 'Ness,' n'ubwo biri uko. Ariko, sinovuga nti: 'Yewe,

Ness! Yewe, Dogite!' Oya, ivyo ntivyoba ari vyiza. Novuga nti: 'Revera Dogiteri Ness.'

238 "Murabona, ico ni co nita, murabona, ico Ari; ni vyose Data, Umwana, na Mpwemu Yera, 'Umwami Yesu Kristo.'" Murabona?

239 Nca mvuga nti: "Nivyashika nkagira uwo mbatiza wo mu mashengero yanyu yose, uko ni ko nzomubatiza." Nca mvuga nti, "Womwakira ga Mwene Data Ness?"

240 Aca avuga ati, "Ata nkeka. Yabatijwe mw'Izina rya Data, Umwana, na Mpwemu Yera."

Nongera nti: "Womwakira ga Mwene Data Scism?"

Aca avuga ati, "Ata nkeka, yabatijwe mw'Izina rya Yesu."

241 Nca mvuga nti, "None mufise iyihe ngorane, ga bene Data? Kuki ivyo mutavyemera, ngo mumenagure ivyo bihome aho abo bantu batindi bari...? Abanyabumwe barabishaka, vy'ukuri, abanyeshengero, barashaka gusengera hamwe n'Abanyamakoraniro. Kandi Abanyamakoraniro, abanyeshengero, barashaka gusengera hamwe n'Abanyabumwe. Bene Data ni ko bameze. Ni uko bameze. Ariko igihe cose umurwanizi ashobora kubatuma barwana..."

242 Ubu none murabona ico nshaka kuvuga ga bene Data? Nerekeza kuri ico kintu kimwe, Yesu Kristo, no kunywana kw'Umubiri wa Yesu Kristo. Iyo ni yo ntumbero yanje.

243 Rero, nta kintu na kimwe nk'iki mvuze ngo: "Hewe, utabatijwe mw'Izina rya Yesu; uzoja mu muriro." Ivyo ntibigira umutwe n'amaguru.

244 Ndababwire ivyabaye ejo bundi. Nari hariya muri Texas. Imbere yo kugenda...Kandi be—bene Data bari hano ni bo vyabona vy'ibi. Ishengero ry'Abanyabumwe, amashengero mirongo irindwi n'abiri, ni yo yaterereye igikorane canje. Kandi narashize imbere uyo mugoroba Mwene Data Petty, wo mw'Ikoraniro ry'Imana. Rero, murazi ko ivyo ari ukuri. Ni mwene Data w'agaciro, Mwene Data Petty, nimba hari uwoba amuzi muri mwebwe, ava muri Beaumont, muri Texas. Ni umwe mu bantu beza cane tumaze guhura. Umugore wiwe ni Umugatolika yahindukiriye Imana, umugore w'umweranda vy'ukuri. Na we ni umuntu w'Imana koko.

245 Mbarira umuntu mwiza kuruta Roy Wead, wo mu Makoraniro y'Imana. Vuga umwe muri aba bantu, nimurabe hano, aba bene Data bose nzi bari hano. Mwene Data wo mw'ishengero rya Filadelufiya hano, abagabo bo mu Makoraniro y'Imana, none ni nde muntu mwiza kubarusha? Mbwira aho ari ho. Mbarira umuntu mwiza kurusha Jack Moore uwo ari we? Mumbwire. We ni uwo bita...Ni abanywanyi babo. Si intagondwa. Urasanga intangondwa ku mpande zompi; kandi aho ni ho abantu batunga urutoke, kandi aho ni ho umurwanizi atunga urutoke.

246 Ariko bose ni abantu b'Imana. Imana Yarabahaye Mpwemu Yera. Iyo hataba ubuntu bw'Imana, twese biba vyararangiye, hamwe n'imikwegano yacu n'ibindi. Uko ni ukuri kutagabanije. Ariko ubuntu bw'Imana budufataniriza hamwe. Ntibitangaje ko twoshobora kuririmba duti: "Hahezagirwe umugozi ufataniriza imitima yacu mu rukundo Rukristo." Ivyo ni vyo dukeneye, rero.

247 None murazi? Umugenduzi Mukuru w'i—w'ishengero, yarampamagaye, aca ambwira ati: "Wari uzi ico wakoze ejo ku mugoroba?" Umugoroba wanje ugira kabiri hariya.

Nanje nti: "Iki?" Nti: "Twagize igikorane ciza cane."

Ati: "Wari wazanye ku gicaniro cawe umuntu w'umunyavyaha."

Nanje nti: "Ntavyo nari nzi." Hari . . .

Ati: "Urya Mushingantahe Petty."

248 "Oo," nca mvuga nti: "umunyavyaha? Iki?" Nti: "Ni umuvugabutumwa wo mu Makoraniro y'Inama, mwene Data."

249 Nawe ati: "Ego, ariko aracari umunyavyaha, kuko atabatijwe neza."

250 Nca mvuga nti: "Mwene Data, ndagusavye umbarire igituma." Nongera nti: "Arafise Mpwemu Yera."

251 Aca avuga ati: "Mwene Data Branham, Petero yavuze iki? 'Ni mwihane, mubatizwe mw'Izina rya Yesu Kristo mubone guharirwa ivyaha vyanyu.' Rero ivyaha vyawe ntibishobora guharirwa utarabatizwa mw'Izina rya Yesu."

Nca mvuga nti: "Uko ni ko bikorwa ga mwene Data?"

Na we ati: "Ni ko bikorwa."

252 Nca mvuga nti: "Imana Yarajaganije umugambi waYo Bwite rero, mu Vyakozwe n'intumwa 10:49, kuko, 'Petero akivuga ayo majambo, Mpwemu Yera Aramanuka Aja ku bariko barumva Ijambo,' murabona, kandi ntibari bwanabatizwe, na gato. Hanyuma, Imana Igaha Mpwemu Yera abantu batari bwanakizwe?" Nca mvuga nti: "None ga yemwe ubu uhagaze he?"

253 Aca avuga ati: "Urazi ico tugiye gukora?" Ati: "Tugiye guca umuzingi mutoyi, hanyuma tugushire inyuma y'umuzingi wacu."

254 "Aho rero," nca mvuga nti: "Nanje, ngiye guca uwundi, ndawuce kugira ngo nce ndabasubizemwo." Nca mvuga nti: "Ntimushobora kunkuramwo, kuko ndabakunda. Murabona, ntimwoshobora kubikora." Nongera mvuga nti: "Hariho benshi cane muri bene—bene So bari hariya bankunda kandi banyizera." Nca mvuga nti: "Mwebwe, nzo—nzo . . . Bazoba, uko biri kwose." Mvuga nti: "Bazoza. Kandi ntimushobora kunkuramwo. Nimwankuramwo, nzobasubizamwo." Mvuga nti: "Iyo mukoze umuzingi umwe, Imana, kubw'ubuntu bwaYo,

Izoreka nkore uwundi nsubire ndabakwegeremwo." Ni ko biri, ndawukore nongere ndabakwegeremwo.

255 Kandi, mwene Data, oo, mw'Izina rya Kristo reka mvuge ibi. Nda—ndafise. . . Ndazi yuko ndiko ndatwara umwanya hano; kandi ni hafi nyene igihe co guheza, ndibaza, ariko reka mvuge iki gusa, murabona.

256 Naciye mbwira uwo muntu, nti: "Nokwemeranya namwe igihe cose mwoba mwigisha Ivyanditswe, kandi mukagira urukundo, mwizera yuko—yuko. . . mwigisha kandi muvuga ko mubatiza abantu. . . atari mw'izina rya 'Yesu,' Yesu gusa. Oya, mushingantahe. A—ata nkeka ivyo ntitwobihurizako, kuko nzi ba Yesu benshi; ndabazi muri Afrika n'ahantu hatandukanye, abantu bitwa Yesu. Ariko nimwakoresha ijambo 'Umwami wacu Yesu Kristo,' aho nzokwemeranya namwe kuri ivyo. Ni vyiza cane. Nzobashigikira. Niyumvira ko mukwiye gushira 'Data, Umwana, na Mpwemu Yera' ubwa mbere, murabona, kugira ngo mubibone neza." Nca mvuga nti: "Niyumvira ko mukwiye kubikora."

Ariko aca avuga ati: "Oo, oya, oya! Ivyo, ivyo ni ugusubira ku butatu."

Nca mvuga nti: "Si ubutatu. Ni Imana imwe mu bikorwa bitatu."

257 Si ubutatu, Imana zitatu. Nta Mana zitatu dufise. Haba na mba. Nta kintu nk'ico kibaho. Ntivyigeze vyigishwa muri Bibiliya. Kandi hari Imana Imwe gusa. "Nimwumve, yemwe Bisirayeli, ndi Uhoraho Imana Yanyu." Imana Imwe! Ibwirizwa rya mbere, "Ntukagire izindi mana uMbangikanya." Ata nkeka, ni Imana Imwe, si zitatu.

258 Iyo ni insiguro y'Abagatolika yavyo; kandi yari, yarahererekanwe kuva ku Bagatolika gushika ku Baluteriyano, no kubandanya, gutyo gutyo, kandi muri rusangi vyizerwa mu bantu b'ubu ko dufise Imana zitatu.

259 Kandi aho ni ho utazokwigera. . . Ubu Butumwa Bwiza ntiBuzokwigera Buja mu Bayuda. . . Ivyo, nabivugishijwe ejo bundi mu gitondo ku mumisiyoneri w'Umuyuda hariya. Ntiwojana na mba Imana y'ubutatu ku Muyuda. Ivyo ntiwokwigera ubikora. Uko, si ko ari; arafise ubwenge burengeye ivyo. Murabona, arazi vyinshi kuri Bibiliya kuruta ivyo. Ariko ntiYigeze Iba Imana y'ubutatu, ku—ku Muyuda. Niwamumenyesha ko ari Umwe Yehova nyene, azovyakira ubwo nyene. Ata nkeka! Ni ivyo, murabona.

260 Kandi ndizera ivyo vyose. Nk'uko Yosefu yavuze ati: "Bene Data, ntimubabare ngo mwiteko umwikomo, kuko Imana ari Yo Yabikoze," murabona. Kuko—kuko ikintu kiri. . . Kugira ngo bishobore kurindira gushika iki gihe, ni ivyo, kuko ikiringo cacu c'Abanyamahanga kiri hafi kurangira. Rero, ndizera ivyo n'umutima wanje wose. Mbega none murabibona, ga bene Data?

Ndiko ndagerageza gushika ku kintu kanaka, ni uko, uwu mugwi w'abantu, w'abagabo bafise umubatizo wa Mpwemu Yera.

261 Umugwi wa Aimee McPherson, yakoze iki? Ubwa mbere yari Umunyabumwe, ndibaza; aca arasohoka acika uwo mu Makoraniro; hanyuma arasohoka araheza aritunganya mu buryo butandukanye; aha atari kera cane, yarazanye umugwi mutoyi, ikintu gitoyi.

262 Nari nicaye mu gikorane ca O. L. Jaggers. Rero, twese turazi O. L. Jaggers. Se—se wiwe yarafashije mu gushinga Inama Nkuru y'Amakoraniro y'Imana. Ubu, O. L. ni umuntu ahambaye. Ni umuvugabutumwa ahambaye. Naramubwiye, nta gihe giheze, namubwiye nti: "Mwene Data Jaggers, iyoba nashobora kuvuga ubutumwa nk'uko ubuvuga, sinokwigera ngira n'igikorwa co gusengera abagwaye." Ariko yari afise ayo maraso yose n'umuvinyu, n'ibindi, igihe yatangura hariya.

263 Mumbabarire, nimba ndiko ndabababaza, bene Data, kuri ivyo. Je—Je. . . Ivyo vyose ni vyiza. Imana Irashobora gutuma amaraso aza, umuvinyu uza, canke amavuta aza, ivyo Ishaka vyose, ariko ivyo ntibikuraho ivyaha. Oya, mushingantahe. Oya, mushingantahe. Oya, nta namba. "Amaraso ya Yesu Kristo ntazokwigera atakaza ubushobozi bwaYo, gushika aho Ishengero ry'Imana ryose ryacunguwe rizokirizwa, ubutagisubira gukora icaha."

264 Nca mvuga nti: "Mwene Data Jaggers?" Naramufashe; ndamuterefona. Kandi nari kumwe n'Abarwizatunga b'Abakristo. Nca mvuga nti: "Mwene Data O. L.?"

265 Aca avuga ati: "Mbega none wewe uri hehe ga yemwe?" Nari mu nzu y'uburaro ntoyi ya kera izimbutse hariya. Aca avuga ati: "Ushaka kumbwira ko bagushize ng'aho?"

266 Nca mvuga nti: "Iki ni co cipfuzo canje. Igihe naza iwanyu," nti, "mwakoze iki? Mwanshize hariya muri Statler Hotel, kandi vyansaba kuguma mu mfuruka. Banyicaritse ku meza; sinarinzi imbugita nkoresha iyo ari yo, canke ikindi na kimwe. Sinari . . . Namanutseyo, ata n'ikoti nambaye, bashatse kunyirukana." Nca mvuga nti: "Si—sinzi ingene nifata."

Yaciye avuga ati: "Ndagutwara hariya, nimba bo ari abakene cane ku buryo batoshobora kubikora."

267 Nca mvuga nti, "Oya, mushingantahe." Nti: "Ico nshaka gukora n'ugusangira inyama nawe, nimba ari wewe uza kuriha."

Aca avuga ati: "Neza cane."

268 Nuko duca turasohoka tuja ahantu, turaheza turicara. Nca mvuga nti: "Mwene Data Jaggers, vy'ukuri ndashima cane intuze yawe. . . "

269 Kandi ni umugenzi wanje mwiza cane, mwene Data w'igiciro. Kandi na—nari mfise agatabu kiwe gatoyi, na we. . . aho yavuga kuri wa mugore yaheruka kuza hano avuye mu

mahanga, yari afise ya maraso mu biganza, n'ibindi. Nari ndagafise rero ng'aho. Nashaka gusa ko abihakana rimwe, aho rero nari ndabifise aho nyene ku rupapuro rwiwe—rwiwe, murazi.

270 Nca mvuga nti: "Nari nabonye aho uriko uraja, ufise, ugiye gutanguza umuvyuro ukomeye." Kuko, ba Bagabo b'Abagwizatunga bari bantumiye hariya, koko.

271 Umenga abantu bategerezwa kubimenya. Nimba Mpwemu Yera Ashobora kubihishurira ku gicaniro, mbega ntAshobora kumbwira ibiriko birabera ahandi hantu, ga bene Data?

272 Ndashobora kubabwira, ijambo ku rindi, kandi nkavyemeza mfashijwe na Mwene Data Carlson, n'uyu mwene Data ari *hano*. Nari nicaye mu gikorane, ejo, nca ndabwira abo bene Data ivyobereye hano muri iki gitondo. Ivyo ni vyo. Neza na neza. Murabona? Kuko, Mpwemu Yera Yarankanguye, Avuga Ati, "Hagarara kw'idirisha." Naritegereje, mw'idirisha, Aca Aranyereka neza na neza *ibi*. Nca mvuga nti, "Ubu, bene Data. . . " [Mwene Data umwe avuze ati: "Ni vyo."—Umw.] Narabiberetse, ni vyo neza na neza. Hariya! Murabona?

Emwe, bategerezwa kubimenya.

273 Nta gihe gishize hano, umuntu umwe yarahagurutse, aha i Chautauqua, avuga ati: "Mwene Data Branham ni umuvugishwa." Jewe simvuga ko ndi umuvugishwa. Murabona? Ariko yavuze ati: "Mwene Data Branham ni umuvugishwa igihe aba ari mu Mpwemu yo gutahura amabanga, ariko," ati: "oo, Inyigisho yiwe ni uburozi. Mube maso na Yo." Nariyumviriye, umuntu yize, yovuga ikintu nk'ico?

274 *Umuvugishwa* bisigura iki? "Umusobanuzi ava ku Mana w'Ijambo." "Ijambo ry'Umwami ryaje ku muvugishwa," murabona. Ariko, ivyo gusa, si ikintu kandi co kuvugira hano.

275 Ariko, uko biri kwose, Mwene Data Jaggers. Nca mvuga, aca avuga ati, oo. . . Mvuga nti, "Narabonye ivy'urya mugore afise amaraso mu kiganza."

276 Aca avuga ati "Oo," ati: "Mwene Data Branham, ico ni ikintu gitangaje cane kitari bwigere kiboneka!"

277 Nca mvuga nti: "Mwene Data Jaggers, ndagukunda. Ubwa mbere, ndashaka ko ushira ikiganza canje mu cawe. Reka tuvuge ko turi bene Data."

Aca avuga ati: "Ego cane. Ingorane ni iyihe?"

278 Mvuga nti: "Uri umwe mu bavugabutumwa ba mbere b'inkomezi nzi. Ese—ese ukuntu uri igikoresho c'Imana!"

279 Aca avuga ati: "Urakoze, Mwene Data Branham. Uraciye bugufi vy'ukuri."

280 Nca mvuga nti: “Ivyo sindabivuga kugira ngo nicishe bugufi. Ivyo ndabivuga kuko ndavyizera. Uri umukozi w’Imana.” Ariko nca mvuga nti : “Mwene Data Jaggers, kiretse u . . . Uri—uriko urarenza urugero; ntaco ufise co gushigikiza ivyo uriko uravuga. Uriko ushingira . . . ”

281 Kandi ng’iki ikibazo kuri benshi muri mwebwe bo mu Makoraniro y’Imana, n’abandi bagabo, kuri ibi bikorane vyo gukira indwara. Sindabagirije. Hari vyinshi cane vyitwa . . . Na Tommy, hano, ni mwene Data mwiza, kandi turazi ingene ahagaze neza. Ariko hariho ibintu vyinshi cane mu gihugu uyu munsi mu vyitwa ugukiza indwara kw’Imana, ntibitangaje kubona mudashaka guterera igikorane mu gisagara. Baraza bakaka amahera abantu, bagaca bigira. None baronka iki? Ntaco baha abantu kirushirije ivyo mubaha muri hano imbere, ku gicaniro canyu. Kandi muri mu kuri, bene Data. Ndababwire, muri mu kuri. Ariko ni nk’aho . . .

282 Nariko ndasoma inkuru ya Martin Luther. Bavuga ngo: “Ntivyari ibanga kuba Martin Luther yarashoboye kwiyamiriza ishengero Katolika, ntagire inkurikizi.” Mwarasomye inkuru yiwe. “Ariko kuba Martin Luther yarashobora kurengera akaguma kose kakurikiye umuvyuro wiwe, niho hari ibanga.”

283 Kandi iyo ico gitangaza gikoretse, abatakebwe barakurikira, nka kurya nyene vyari muri Egiputa. Kandi vyamye bitera ingorane mu gihugu. Ivyo turabizi, iyo dushitse hariya. Hariya, Kora yarihagurukije, kandi vyabaye ngombwa ko Imana ibiherengeteza. Ariko bene Data, sindabacira urubanza.

284 Mwene Data Jaggers yari yicaye aho agerageza kumbwira ko uwo ari Mpwemu Yera Akora ivyo. Kandi yavuze . . . Hanyuma rero nari mfise, mu kinyamakuru ciwe bwite . . . Nca mvuga nti: “Mwene Data Jaggers, ubu,” nti: “Jewe ndi umunyeshure wo mu mwaka w’indwi. Na we uri Dogiteri mu vy’Ubumana, kandi wigiye kuba umushingwamanza. Wakuriye mw’ishengero risukuye, ribereye, ari ryo Amakoraniro y’Imana. So wawe yarafashije mu gushinga ukwo kwizera. Ko witandukanya, ivyo bikuvako.” Ariko nca mvuga nti: “Ivyo biva ku muntu uwo ari we wese, uwushaka gukora ivyo. Nta mipaka nshira ng’aho. Ariko iyo bishitse ahantu aho igikoresho nkawe, gishobora kuzana ibihumbi vy’imishaha kuri Kristo, wubakira igikorwa cawe ku bishobisho.” Nca mvuga nti: “Mwene Data Jaggers, wubatse inkingi nk’*uko*, udafise ico kuyishigikira, izoca isenyuka mu kanya gato. Kandi ubwirizwa kugira Ivyanditswe ku vyo uriko uravuga.”

Aca avuga ati: “Hariho Ivyanditswe.”

Nanje nti: “Bizane.”

285 Aca avuga ati: “Emwe, Mwene Data Branham,” ati: “uwo ni Mpwemu Yera Akora ivyo.”

286 Nanje nti, "Nyereka Ivyanditswe aho Bibivuga, ko Mpwemu Yera Yigeze gutuma amaraso ava mu muntu, n'ibindi, nk'ivyo. Vyerekane gusa; amavuta aseseka ava muri bo. Wavuze uti: 'Arya mavuta yari ay'ugukiza indwara kuva ku Mana'. Kandi wavuze ko, 'Arya maraso y'urya mugore yobaye agakiza k'amahanga.'" Nca mvuga nti: "Namba ari ukwo, none ni iki cashikiye Amaraso ya Yesu Kristo? Ico kirayakuraho. Kandi ikintu cose kiYarwanya, ni anti. KiraYarwanya." Mvuga nti, "Bica bihinduka inyigisho ya antikristo."

"Oo," Aca avuga ati: "Mwene Data Branham, uzobimenya umunsi umwe."

287 Nca mvuga nti: "Nizeye ko ntazokwigera ndabimenya gutyo. Rero, mwene Data," nti: "Ndagukunda, kandi uri mwene Data." Nca mvuga nti: "Mwene Data Jaggers, uzohava winjira mu bintu, aho utazoshobora gusubira inyuma. Garuka kw'ishengero ryawe, ugaruke ugumane n'Ubutumwa Bwiza." Mvuga nti: "Ntiwubakire ivyo ku bishobisho." Nti: "I. . . "

288 Rero ubu arafise, abatiza kubw'Ubugingo Budashira, murabizi, "Igihe cose ubatijwe, usubira kuba inkumi canke umusore. Rero ivyo bizoshika. . .Ntuzokwigera (na rimwe) upfa." Rero, ivyo, vyo, ari ku mpera y'inzira ubu nyene; n' "ibinini vy'amavitamine bivuye mu Kiyaga Gipfuye." Murabona? Ariko niko biri, mwene Data, utangurira kuri ivyo bishobisho bitobito.

289 Namwe bagabo hano mufise aya mashengero, mureka ikintu nk'ico kikaza mu gisagara, kandi, murazi, umurwanizi ni umunyaruyeri, a—asimbira muri ivyo bintu nk'uko. Abiteramwo akajagari. A—agatuma abantu bakomereka, agatera ukuzazanirwa mw'ishengero, n'ibindi. Ariko uko si ko biri.

290 Rero, hano. Uko mwoba muvuga ukuri kwose, ng'iki ikintu kimwe tunanirwa kandi tukabura, bene Data. Ubu ndiko ndarangiza, mvuga ibi. Uko noba ndi mu kuri kose, n'uko noba nshingiye ku Vyanditswe gute, n'ivyo noba nzi kuri Bibiliya y'Imana vyose; ntafise Mpwemu w'Imana, w'urukundo, mu mutima wanje, rw'abantu bose na vyose, noba nihenda kuva mu ntango.

291 Rero, Paulo yavuze, mu b'i Korinto ba Mbere 13 ngo: "Naho nogira ubwenge, murabona, nkamenya amabanga yose y'Imana, murabona; muri vyose, ngahagarara; ntagira urukundo, nta co noba ndi. Naho novuga indimi z'abantu n'iz'abamarayika," izo ni zo uvuganiramwo n'Imana, kandi iminsi yose zimwe zidashobora gusobanurwa. "Naho novuga indimi, indimi z'ukuri z'abantu n'iz'abamarayika, ntagira urukundo, urukundo, nta co vyomarira." Rero nimba nzi amabanga yose y'Imana, kandi nkaba nshobora kuyugurura kandi—kandi yose nkayahuriza hamwe, ntagira urukundo, bimaze iki? Kandi igihe jewe. . .

292 Yesu Yavuze Ati: “Ibi bizotuma abantu bose bamenya ko muri abigishwa baNje, nimwagira. . . ” abo mu Makoraniro nibagirira urukundo Abanyabumwe, n’Abanyabumwe bakagirira urukundo abo mu Makoraniro, “nimwagiriranira urukundo,” muba mu kuri canke mutaba mu kuri. Kandi igihe cose intumbero ari mbi, imvo ari mbi, nako, aho rero ntuba uri mu kuri kuva mu ntango. Si vyo? Murabona, “Naho novuga indimi z’abantu n’iz’abamarayika, ntagira urukundo, nta co noba ndi.” Kuko, Imana ni urukundo. Ivyo turabizi.

293 Kandi ndizera ivyo kuvuga mu ndimi. Rero, umuntu umwe yavuze ati: “Mwene Data Branham ntiyizera ikimenyamenya c’intango.” Nashaka kubaha umuco kuri ivyo ubu. Murabona? Nashaka kubibabwira.

294 Ndizera ko iyo umuntu yakiriye Kristo, aba yakiriye umugabane wa Mpwemu Yera. Kuko, Yesu Yavuze, muri Matayo i—igice ca 12, c’igice ca 5 na mirongo ibiri -. . . umurongo wa 24, Yaravuze. Oya, nibaza ko ari Yohana Mweranda 5:24. Yavuze Ati: “Uwumva Amajambo YaNje, akizera UwaNtumye, ni we afise Ubugingo Budashira.” Rero, hariho Ubugingo Budashira bumwe gusa. “Kandi ntazoshirwa mu rubanza; ariko aba avuye mu rupfu ashitse mu Bugingo.”

295 Rero, ndizera ko ata muntu n’umwe ashobora kwihamagara ubwiwe; Imana Itegerezwa kumuhamagara. Kandi namba Imana Yaramuhamagaye vy’ukuri. . . Kandi hariho abantu benshi, turabizi, bene Data, bagira ibishikashika hanyuma bakiyumvira ko Imana Yabahamagaye, ariko ubuzima bwabo ntibuteba. . . kugaragara. Ariko namba Imana Yaraguhamagaye, emwe, uri, uzoba ng’aho, kandi uzoguma ng’aho, murabona, ubizi. Kandi rero namba. . . Rero, iyo si inyigisho y’Ababatista. Ivyo murabizi, murabona.

296 Ariko, sinizera ivyo kuramukanya mu maboko kugira uronke umutekano w’Ibihe Bidashira, n’ibintu nk’ivyo vyose. Si—sinizera ivyo, habe namba. Nimba bo bashaka kuvyizera, aho rero, ni vyiza. Nguma mvuga ko ari bene Data.

297 Iki gitondo, hamwe noja gusaba isambusa, (kandi ni hafi amasaha yo gufungura ku murango), nshobora gukunda iy’inkere, nawe ushobora gufata iya pome, ariko twempi turiko turarya isambusa. Murabona? Rero ntibituma ha. . . igihe cose turiko turarya isambusa.

298 Uko ni ko twizera. Namba ushaka kuba Umunyabumwe, ba Umunyabumwe; niwaba ushaka kuba uwo mw’Ikoraniro ry’Imana, ba uwo mw’Ikoraniro ry’Imana. Nimba ushaka kuba uwo ushaka wese, Umubatista, Umuperesibiteriyano, ba Umukristo muri vyo. Murabona?

299 Kandi—kandi ubisese wewe nyene, ariko ntimukwegane. Kuko, ivyo bintu bitobito, vyose bihuriza hamwe. Ni vyo. Vyose bihuriza hamwe, bigashika kuri ca kintu kimwe.

300 Kandi—kandi ico twokora cose, ibitangaza twoshobora gukora vyose, n'imisozi dushobora gushingura uko yoba ingana kose, canke ico ari co cose, tutarashika aho dukunda, atari ivy'ukwigirisha, ariko tugakundana. Iyo dukunda mwene Data wese, ishengero yoba arimwo ryose, turamukunda; atari ukwigirisha gusa, kuko tuzi ko ari iciyumviro c'ivyo gusenga, ngo "twategerezwa kubikora." Ariko, kuko tubikora, turakundana; hanyuma, n'ukwihangana, twihanganirana.

301 Ndizera ko, mu b'i Kolosayi 3, nko kuri 9, ahantu kanaka nk'aho. . .Nshobora, si—singize. . .Ndashobora kuba nihenze ku Canditswe, ariko Kirabivuga. Tumaze kuba Abakristo, ntidukwiye kugiranira ishari. Murabona? Ntidushobora kugira ukwizera mu gihe turiko turagerageza kwubahana no guhana agaciro. Murabona, ivyo ntidushobora kubikora; ntidushobora kugira ukwizera. Dutegerezwa kwubaha Imana, murabona, kuYubaha, Yo. Kwizera bene Data, ata nkeka, ni urukundo; ariko ivyubahiro n'iteka ni ivy'Imana! Naho ivya. . .Ariko mugiriranire ukwizera n'ukwizigirana. "Kandi ntimubwirane ibinyoma." Murabona? "Ntimubwirane ibinyoma." Hamwe nobabwira kino gitondo nti: "Ndabakunda," ntegerezwa kuba ndabikuye ku mutima. Atari uko, noba ndi indyarya. Ni ukuri.

302 None, bene Data, kuri uwu murongo. . .Rero, Mwene Data Tommy, nizigiye ko ntabafatiriye cane hano. Jewe. . .Mwene Data Tommy arafise ico avuga akanya gato gusa. Ariko noshobora kuvuga ibi, igihe naza muri mwebwe. . .

303 Ndavyizera. Ndizera ko Imana Data Wa twese Yatwikirije igitutu inkumi yitwa Mariya, Ikarema muri we Akaremangingo k'Amaraso kavuyemwo Yesu Kristo, Akaba Yari Umwana w'Imana, ihema Imana Yitwikiriyemwo, mu mubiri, Yigaragaza hagati yacu. "Imana Yari muri Kristo, YiYuzuza n'abari mw'isi." Ndizera ko Ako Karemangingo k'Amaraso Kamenewe i Karuvariyo, kubwo guharirwa ivyaha vyacu. Kandi Mpwemu YaraMuvuyemwo hanyuma Agaruka kw'Ishengero, kuko, Kristo, Mpwemu Yera; Kristo, Logos, ari muri twebwe ubu, Mpwemu Yera, biciye mu kubatizwa. Bitugira. . .Kristo Yarigabuye, Atanga Ubugingo bwiWe kuri umwe umwe wese muri twebwe, kugira ngo natwe, nk'umugwi w'abantu, tube Ishengero ry'Imana. Nta gihe giheze. . .

304 Nahora ngendera kw'ifarasi. Ivyo murabizi. Na data yaragendera kw'ifarasi, w'umuhinga. Nahora ngendera kw'ifarasi. Twazigendesha mu—mu. . .Kiyaya ca Arapaho, nako nshatse kuvuga Uruzi Troublesome, hirya y'Uburagiro Arapaho. Ishirahamwe Hereford riragira muri ico kiyaya. Kandi muri ico kiyaya, bene amararo, ba—bafise ubwatsi bwinshi cane bashobora kurima. Kandi iyo uburagiro buvuyemwo ubwatsi bungana n'itoni, urashobora kwahura inka mu—buragiro, hariya epfo ya Estes Park, kandi yarashobora kwahura inka muri ubwo bw-. . .Ahantu hanje hakomeye nahigamwo, hariya

ruguru. Nahabaye umwungere umwaka. Ndacajayo, mu mpeshi no mu gatasi, iyo mfise akaruhuko nkaba ndabishoboye, nca nja kwegeranya, imikuku, kugira mbeyo gusa, kuko nkunda kugendesha ifarasi. Nkaduga manuka iki-. . .ico kiyaya, hariho umugwi w'aborozi bahafitiye uburenganzira, no kuragira amasho yabo. Kandi mu gihe c'impeshi, kenshi, narabafashije kwegeranya amasho ndayajana hariya.

305 Hariho uruzitiro, kugira ngo ibitungwa ntibije mu matongo y'abantu, iyo bigarutse bivuye mu buragiro. Gushika. . . Umwungere arahagarara aho agaharura ayo masho ariko arinjira, ziriko zirinjira. Naricaye, iminsi myinshi, isaha ku yindi, nkitegereza ubusho bw'umushingantahe Grimes buriko burinjira, zari zifise ikimenyetso ca Diamond Bar; izacu zari zifise ikimenyetso ca Turkey Track; kandi hariho izari zifise ikimenyetso ca—ca Tripod hepfo yacu gato; na Jeffrey, gutyo gutyo. Hanyuma nshize ukuguru, nk'uko benshi muri mwebwe mubizi, aho kwicara kw'ifarasi, nkicara aho ndaba uwo mworozi ahagaze aho, aharura ubwo busho bwiwe.

306 Narabonye ikintu kimwe. Ntiyitaho cane iparati iri kuri yo. Ariko hari ikintu kimwe yihweza neza vy'ukuri, cari ikirango c'amaraso. Yategerezwa kuba Hereford itavanze atari uko ntiyashobora kurengana urwo ruzitiro, ariko iparati yayo ntaco yahindura kinini.

307 Niyumvira ko ari uko bizoba kuri rwa Rubanza. NtAzoraba amaparati yacu, ariko Azoraba ikirango c'Amaraso.

308 Narakoze ayanje makosa, bene Data, kandi narakoze ibintu vyinshi cane bitari vyo. Kandi nimba hari igihe na kimwe mu nzira nazananye, canke mwumvise ikintu noba narerekanye canke naravuze, coba carababaje umuntu mu buryo kanaka, canke nimba hari ico navuze kino gitondo kibabaza, ndagusavye, nka mwene Data canke mushikanje w'Umukristo, umbabarire. Sivyo nashaka gukora. Nabugururiye umutima wanje gusa, kugira ngo tumenye.

309 Nimba hariho umubatizo n'umwe wo gukorwa, mwebwe bene Data muwukore, ubwanyu, murabona. Ivyo ni, nta—ntavyo nkora. Hamwe nobikora, uko ni ko nobatiza, uwo muntu nk'uko. N'uwo ari we wese muri mwebwe ashobora kuwemera, murabona. Rero urashobora gufata umuntu, babatijwe mw'Izina rya Data, Umwana, na Mpwemu Yera, bakabatizwa mw'Izina ry'Umwami Yesu Kristo, kandi. Rero ndamutse ngira uwo mbatiza. . .ariko sindabikora. Mbatiriza gusa mw'ishengero ryanje bwite, kandi ni abantu ba hariya gusa. Kandi uko ni ko abantu bo mw'ishengero ryanje babatizwa. Niwasubiza amaso inyuma, uwo ni umugirwa wa kera w'Abamisiyonari, umugirwa wa kera w'Abamisiyonari b'Ababatista. Kandi ubu nimba. . . Ivyo ni vyo.

310 Ndizera ugukizwa indwara n'Imana. Ndizera umubatizo wa Mpwemu Yera. Ndizera ko—ko Mpwemu Yera Avuga mu ndimi. Ndizera buri ngabire Imana Yahaye Ishengero ryaYo. Ndazishigikiye, ijana kw'ijana. Ariko nizera . . .

311 Sinemera uko gukira indwara kw'ibishikashika bihanitse dufise hirya no hino uyu munsi. Nashaka gusa kugira ico mvuze hano. Haciye igihe hariho mwene Data umwe . . . Kandi si Mwene Data w'igiciro Tommy Hicks uwo nubaha nk'umukozi wa Kristo w'ukuri. Hariho uwundi muntu mu kindi gihugu, kandi muri ico gihugu hariho i . . . Yari gusa, igihe cose, "Umuvuzi w'ibishikashika w'Imana! Umuvuzi w'ibishikashika," murazi, nk'ukwo.

312 Hanyuma nararonse ikete uwo mugabo amaze . . . rivuye mw'ishengero ry'Abaluteriyano. Umunyamabanga wanje arazi ko turifise muri dosiye. Sinovuga izina ry'uwo mugabo, kuko ivyo ntibijanye n'Ubukristo. Naho, ntemeranya n'ivyiyumviro vy'uwo mugabo, ariko ivyo ni vyiza. Ndamukunda. Ni mwene Data.

313 Ariko vyarashitse ahantu aho bagira gusa nk'ibishobisho kanaka, canke ugushishimuka, canke ikindi kintu nk'ico, murabona. Kandi, ivyo, ivyo si vyiza, murabona. Mwene Data . . . "Umwimenyerezo w'umubiri ugira ikimazi muri bike cane."

314 Nuko rero uwo mukozi w'Imana w'Umuluteriyano yandikira uwo mukozi w'Imana i—i—ikete. Aca avuga ati: "Mwebwe bakwiragizabutumwa b'Abanyamerika muza hano," avuga ati: "n'uko gukiza indwara kwanyu ku bantu bose kw'ibishobisho!"

315 Rero ivyo bimeze nko kwitera amashurwe gatoyi jewe ubwanje, ariko Imana Irazi ko atari uko biri. "Ariko," avuga ati: "igihe—igihe umwana mutoyi Deborah Stadsklev yapfa, wa mwana, uwo muvyeyi yari ahagaze aho uwo munsi mu Buhindi- . . . muri California, aho uwo mwana yari yapfiriye, kandi yakonje. Akabona . . . bashize uwo mwana mu maboko ya Mwene Data Branham, aca ahagarara aho aramusengera. Uwo mwana aca atangura kurira atera imigere; aca amusubiza nyina."

316 Yari azi kandi ivya wa Munyamegizike. Ivyo, dushobora kuvyemeza twisunze ivyashikirijwe n'Abagwizatunga b'Ubutumwa Bwiza Bwuzuye. Utegerezwa kuba ufise ikintu canditswe n'umuganga. Igihe wa mwana w'Umunyamegizike yari yapfuye ico gitondo, isaha zitatu, aho naho hari isaha zitanu z'iryo joro. Umuganga yaranditse raporo yiwe. Mwene Data Espinoza, uwo benshi muri mwebwe bene Data bo mw'Ikoraniro ry'Imana muzi, ni we yaronse iyo raporo ivuye ku muganga, ko yapfuye.

317 Maze mbona iyerekwa hejuru y'abantu benshi, igihe abantu ibihumbi mirongo ibiri b'Abagatolika baza kuri Kristo, mu

gisagara ca Mexico. Nca mvuga nti, "Ivyo ntubifate. Sinzi, uwo mwana. . . Mpejeje kubona iyerekwa hano."

318 Billy yari ng'aho, agerageza, afise abajejewe umutekano mirongo itatu canke mirongo ine, badashobora kugumiza uwo mugore mutoyi kure y'u murongo w'abasengerwa, afise uwo mwana. Yarabaca mu maguru, n'ibindi vyose. Rero, amaherezo, narungitseyo Jack Moore. Mvuga nti: "Genda, mumusengere."

319 Nararavye gutya, nca mbona umwana w'Umunyamegizike ariko aratwenga. Nca mvuga nti: "Rindira akanya gatoya. Muzane hano." Murabona? Maze nshize ibiganza vyanje kuri ico kirengeti. . . Hari haguye imvura nyinshi, umunsi wose. Kandi bari bahagaze aho kuva kare mu gitondo, kandi aho hari nk'isaha zitanu z'ijoro. Nca nshira ibiganza vyanje kuri wa mwana mutoyi. Atangura gutera amaboko no guhoha. Na bo baca batangura gukoma induru.

320 Rero, hanyuma baramumanukanye bararondera iyo raporo. Baca baja ku muganga, umuganga na we aca avuga ati: "Nemeje ko umwana yapfuye, mu gitondo isaha zitatu. Yishwe n'umusonga." Murabona? Kandi rero ivyo bintu ni—ni—ni ukuri. Vyaremejwe. Ni ko biri.

321 Dukwiye kwama turi inzirabugunge n'imvugakuri ku kintu cose. Ntimugatume. . . Reka bibe uko bimeze. Reka. . . Imana ntIkeneye imfashanyo ku kintu na kimwe. Murabona, Ni—Ni—Ni Imana.

322 Nuko rero ng'ibi ivyo yavuze: "Ariko igihe uyu muvyeyi yahamagara Mwene Data Branham muri Amerika, amutakira kuri terefone ati: 'Nuze uzure akana kanje!' Kandi Reta ya Reta Zunze Ubumwe. . . "

323 Umugabo wiwe ni umumenyesha-Mana mu Gisirikare. Mwese murazi Julius, benshi muri mwebwe muramuzi; yanditse igitabu canje, *Umuvugishwa Agendera Afrika*.

324 Maze uwo muvyeyi mutoya w'Umunyanoroveje, asemerera, cane uko ashoboye, yavuze ati: "Mwene Data Branham, nari mpagaze hariya igihe uwo mwana yasubira kuba muzima!" Aca avuga ati: "Turizera ko uri umukozi wa. . . wa Kristo." Ati:, "Ingo, urambike ibiganza ku mwana wanje, aca aba muzima." Yari ahejeje gupfa mu munota umwe canke ibiri gusa, yishwe n'umusonga; yari arwaye nk'amasaha ane, atanu.

325 Kandi abo bagabo bari bamye ng'aho, bavuza induru basemerera, basimbasimba, bavuga bati: "Imana Iramuzura! Imana Iramuzura!" Bati. . .

326 Kubera ivyo, Ishirahamwe ry'indeg-. . . rya Amerika nako, si Ishirahamwe ry'indege rya Amerika. Igisirikare ca Reta Zunze Ubumwe Za Amerika cari kunjana hariya mu ndege inyaruka cane, no kungarukana, mu munsi umwe. Murabona?

327 Nca mvuga nti: “Imbere yuko nza, reka ndondere ubugombe bw’Umwami.” Rero nca ndasenga, iminsi ibiri. Kandi uwo muganga yaragize ubugwaneza cane bwo kureka uwo mwana aguma ngaho.

328 Hanyuma, igitondo kimwe, naravyutse nca ntangura kugenda nja mu gikoni. Ndavye, mpagaze aho, hejuru, hari Umuco ungana n’uwo muco uri ng’aho, wariko urazunguruka, Uca Uvuga Uti: “Ivyo ntubikoreko. Ntuvyirukane. Ico ni ikiganza c’Umwami.”

329 Naciye nsubira inyuma niruka nca nterefona muri ico gihugu, ndahamagara mvuga nti: “Si—sinshobora kuza.”

330 Kandi uwo mukozi w’Imana w’Umuluteriyano yavuze ati: “Kubera iki utarindira gushika uronse ingingo itomoye ivuye ku Mana, nk’uko Mwene Data Branham yabigize? Ugaheza rero ukamenya ivyo uriko uravuga.”

331 Rero, ni vyo, bene Data, iyoba tudasimbira gufata imyanzuro; tukarindira, tukaronka ingingo itomoye, ivuye ku Mana.

332 Ivyo vyose hano, gukiza indwara abanyavyaha ataco bazi ku Mana. Nizera ko ugukizwa indwara n’Imana gushingiye ku ngingo ngenderwako, ko ukwiye kuza ku Mana, ubwa mbere, ukaYiha umutima wawe, ukoza ubuzima bwawe mu Maraso ya Yesu Kristo, rero Imana Izoheza Ikorane nawe Igukize. Nk’uko uyu mwene Data yavuze, ku bijanye na wa mugore mutoyi yari yarasengeye hariya, uwera w’Imana, murabona.

333 Mu buzima bwanje, narakoze amakosa menshi. Narakoze ibintu vyinshi bitari vyo. Nzoshobora kumbure, ninabaho igihe kirekire, nzokora n’ibindi vyinshi. Kumbure bimwe muri vyo bizoba ari ibitsitaza mu nzira yanyu. Ndizigira ko muzombababarira.

334 Nariko ndasoma ivya Aburahamu, ukunanirwa yagize. Ingene we, bagenzi, ibintu yakoze; yarakekeranije ku Mana; arabesha ku bijanye n’umugore wiwe; n’ibindi vyose. Ariko igihe ivyo Imana Yamuvugako vyandikwa mu Baroma 4, ntivyigeze bivuga amakosa yiwe, ahubwo vyavuze ngo: “Aburahamu ntiyakekeranishwa namba” no kutizera. . . biciye ku Mana “yarakomejwe.” Amakosa yiwe yose yaribagiwe, igihe ivyo Imana Yavuga ku buzima bwiwe vyandikwa. Ukunanirwa kwiwe ntikwanavuzwe. Amakosa yiwe ntiyavuzwe.

335 Kandi, bene Data, nizeye, ko igihe ibimvugwako bizosomwa kuri wa Munsi, ko ivyanje Azobihanagura, na vyo nyene, ntIvyiyumvireko ico gihe. Nizeye ko namwe nyene ariko bizogenda. Imana Ibahezagire.

336 [Dogiteri Tommy Hicks avuze ibi bikurikira—Umw.]

[Niyumvira ko twoshobora kuvuga iki gitondo mu ncamake ivyavuzwe vyose muri aya majambo: Kristo muri jewe icizigiro

c'ubwiza. Bivuge, ndabasavye. Kristo muri jewe icizigiro c'ubwiza.]

[Hariho ukuduga no kumanuka mu buzima bw'umuntu wese. (Si vyo ngiye kuvuga.) Ndafise ubutumwa. Nizera ko umukristo wese ya . . . ? . . . Yesu . . . ? . . . Umutima wanje wakozweko muri iki gitondo, kandi nibaza ko kuri benshi muri twebwe hari ibintu biduhungabanya . . . ? . . . bitugira abagabo n'abagore b'Imana beza cane.]

[Babe Ruth yari azwi kw'izina ry'Umwami w'urukino rwa Homerun. Ariko mwoba mwari muzi ko Babe Ruth yari n'Umwami wa Strikeout? Yakuwe mu rukino incuro nyinshi kuruta uko yigeze guheza. Yakuwe mu rukino incuro igihumbi n'amajana atatu na mirongo itatu; yahejeje gusa inkino amajana umunani na mirongo itandatu. Ariko igihe cose Babe Ruth yakurwa mu rukino, yasubira ku ntebe igihe umusifuzi mukuru yasemerera ati: "Urasohowe," yasubira ku ntebe akinyukura ibiganza agaca afata inkoni yerekeza hejuru y'uruzitiro, kandi yama avuga ati: "Uwo mukinyi ari hariya hanze arambabaje."]

[Nta kibi kiri mu kuva ku rubuga, ariko wibuke: utore inkoni . . . ? . . . kuko Kristo Ari muri jewe ivyizigiro vy'ubwiza. Bisubiremwo ndabasavye: Kristo muri jewe ivyizigiro vy'ubwiza. Ni vyose.]

Egome.

[Ni vyose.]

Ukwo ni ukuri.

[Ni vyose.]

Vyose. Amen.

[Haleluya. Guharira no kurwana ntibizokwigera bituma igikorwa gikorwa. Twegereye cane . . . ]

Amen.

[ . . . ku rundi ruhande. Twarashitse ahantu tutagisubira inyuma. Ni kangahe numvise umudereva w'indege avuga mu ndege ati: "Ubu twashitse aho tutagisubira inyuma."]

[Nta gihe kirekire giheze numvise ijwi rivuye mu yindi si rivugana nanje rirambwira riti: "Mwana, warashitse ahantu utagisubira inyuma." Ivyo bisigura ko ndi hafi ya rwa rundi ruhande kuruta uko ndi hafi y'aho natanguriye.]

[Ugara amaso, ndabasavye; unamika umutwe wawe.]

[Data Wa twese Uri mw'Ijuru, muri iki gitondo, ese ukuntu dushima kandi dukenguruka ko dushobora kuvuga bivuye i bwina mu mitima yacu n'ibwina mu mishaha yacu duti: "Kristo muri jewe—Kristo muri jewe, ivyizigiro vy'ubwiza." Oo Yesu, kikuza amaboko yawe y'Urukundo buri mugabo n'umugore, kandi ese iyerekwa ryacu n'ivyo tubona vyoduzwa hejuru—hejuru, hejuru, hejuru kuruta ibintu vyo muri iyi si, kugira ngo

dushobore kubona Kristo, n'abandi babone Kristo muri twebwe. Shira ikiganza caWe kuri umwe wese muri aba bakozi baWe . . .]

Biduhe, Mwami.

[. . .kugira ngo, aho tuvira muri iki kibanza kino gitondo, twiyemeze ko ata kindi tuzobona kiretse Kristo Wenyene . . .]

Amen.

[. . .ahawe ikaze muri umwe wese. Turazi ko igikorwa ari—hariho igikorwa kinini cane co gukora, Yesu; hariho ivyimburwa vyinshi cane vyo kwimbura.]

Ego, Mwami.

[Oo, dufashe, Mwami . . .]

Ego, Mwami.

[. . .,ngo dufatanye amaboko . . .]

Biduhe, Mwami.

[. . .agakubura ivyimburwa . . .]

Ego, Mwami.

[. . .ngo tuzane abazimiye n'abariko barapfa igihe kitararenga.]

Ego, Mwami.

[Ndashaka ko muduza amaboko yanyu muhimbaze gusa Izina ry'Umwami Wacu Yesu Kristo.] . . .?. . .

[Twohagarara, ndabasavye. Ndashaka ko muduza ibiganza muririmbane nanje *Ndamukunda*. Woba uMukunda?]

Amen.

[. . .iki gitondo? Mbega uraMukunda n'umutima wawe wose? Duza ibiganza tuyiririmbe, twese hamwe, *NdaMukunda*.]

> [NdaMukunda, ndaMukunda]
> [Kuko Yankunze ubwa mbere]
> [Akariha ikiguzi c'agakiza kanje]
> [Ku giti c'i Karuvariyo.]

[Mwoyiririmba mudasohora amajambo ndabasavye?]

[Murazi, bakozi b'Imana bagenzi banje, muri Argentine twari dufise abantu barenga ibihumbi amajana ane mu gikorane kimwe; uko igihe cagenda niko twabona abantu. Kandi ndibuka umuhingamo wa mbere, twari dufise abantu barenga ibihumbi amajana ane bariko barayiririmba mu ki Esupanyoli, maze ndababwira ngo bayiririmbe badasohora amajambo, kandi hanze hari abantu barenga ibihumbi amajana atatu. Twasavye abantu bari imbere guceceka mu gihe abari hanze bariko barariririmba badasohora amajambo y'iyo ndirimbo. Nuko bukwi na bukwi, bariko barayiririmba, hari ikintu caciye cuzura umushaha wanje. Sinari bwigere menya mu buzima bwanje uguhishurirwa kwa Kristo muri jewe gushika numvise ijwi

ry'abantu ibihumbi amajana atatu hanze baririmba badasohora amajwi bati *NdaMukunda* hanze. . .?. . .iki gitondo ni ingabo nyinshi z'icubahiro z'Umwami w'ubwiza, ziriko ziraririmba. None bakunda nde? Ni nde mukunda?]

Ego.

[Kristo, Kristo muri jewe.]

Ego.

[Ivyzigiro vy'ubwiza. Mwugare amaso, muduze ibiganza vyanyu, mwongere muyiririmbe, mwese.]

Ego Mwami.

[NdaMukunda, ndaMukunda]
[Kuko Yabanje kunkunda]
[Akariha ikiguzi c'agakiza kanje]
[Ku giti c'i Kaluvariyo.]

[Nimba uMukunda muri iki gitondo, kikuza amaboko yawe abagabo batatu canke bane batandukanye; n'abagore na bo bakore nk'uko; uvuge uti: "Ndakunda Umwami Yesu Kristo." Ni vyiza; kikuza amaboko yawe. . .]

337 Iyoba noshobora kubona ibi bishika kw'isi yose, novuga nti, "Mwami, reka umusavyi waWe yigendere amahoro!"

61-0425B Ubumana Busiguwe
Icumbi ry'Ibiruhuko
Chicago, Illinois Leta Zunze Ubumwe za Amerika

KIRUNDI

©2026 VGR, ALL RIGHTS RESERVED

VOICE OF GOD RECORDINGS
P.O. BOX 950, JEFFERSONVILLE, INDIANA 47131 U.S.A.
www.branham.org

## Itangazo rijanye n'Uburenganzira

Uburenganzira bwose burarinzwe. Iki gitabu kirashobora gusohorwa ku mashini yo muhira kugirango umuntu agikoreshe canke gitangwe, ku buntu, nk'igikoresho co gukwiragiza Ubutumwa Bwiza bwa Yesu Kristo. Iki gitabu ntigishobora kugurishwa, gusubirwamwo ku rugero runini, gushirwa ku rubuga, kubikwa mu buryo bwo kurondera amakuru, guhindurwa mu zindi ndimi, canke gukoreshwa mu gusaba amahera ata ruhusha rwanditse rwa Voice Of God Recordings®

Ushaka kumenya vyinshi canke ushaka kuronka ibindi bikoresho bihari, ushobora kwandikira:

VOICE OF GOD RECORDINGS

P.O. BOX 950, JEFFERSONVILLE, INDIANA 47131 U.S.A.

www.branham.org